**Université du Burundi**

**Dépôt institutionnel officiel** **https://repository.ub.edu.bi**

Grenier du Savoir du Burundi Mémoires et Thèses

2018

# Icibare c'abakani  b'i Kidasha mu Rwesero n'imiryango babana : Itohoza ryabereye muri commune Makebuko intara ya Gitega

UB, Faculté des lettres et sciences humaines

https://repository.ub.edu.bi/handle/123456789/1333

*Téléchargé depuis le dépôt institutionnel officiel de l'Université du Burundi*

UNIVERSITE DU BURUNDI

FACULTE DES LETTRES ET SCIENCES HUMAINES

DEPARTEMENT DE LANGUES ET LITTERATURES AFRICAINES

# ICĬBARE C'ÁBAKANÍ B'Í KIDÁSHA MU RWĒSERO N'ÍMIRYĀNGO BABĀNÁ :

## Itōhōza ryăbēreye murí Komĭne MAKÉBUKO intârá ya GÍTEGA

Par

Appolinaire NDUWIMANA

**Sous la direction de :**

Denis BUKURU (PhD)

Mémoire présenté et défendu publiquement en vue de l'obtention du grade de **Licencié en Langues et Littératures Africaines.**

2

**Bujumbura, avril 2018**

## ABÓ IKI GIKORWÁ GITŪWÉ

Abavyêyi bānje : Gaspard KABURA na
Angélique SINDAYIRWA nabúze ntânká,
Umupfâsóni wānje Francine NIYONSABA
Abavûkanyi bānje :
Nicodème NDABANEZE+ ;
Marguérite NDABOROHEYE+,
Célestin NGAYIBONA,
Vital BANKUWUNGUKA +,
Béatrice NIYOKWIZERA,
Marie Rose BARANDERETSE,
Daphrose NSABIYUMVA,
Josélyne NZOBAKENGA,
Suavis HARERIMANA n' ábaryāngo bānje
Umuryāngo wa Darius NDIKIMINWE
Uwo wēse yagíze icó atērêra

**Ndabátūye iki gikorwá**

## UGUKĒNGURUKA

Kugíra iki gikorwá gishiké kū mpéra yâco hābāye ukwĭtānga n'úkwĭgōra kw'abāntu bĕnshi.

Turakēngurukiye bimwé bivūyé ku mutíma Umwĭgisha BUKURÚ Denis yĭgōye akarēngera imirimo myĭnshi afisé akēmera kurōngōra iki gikorwá kuva mū ntângo yâco gushika kirāngíre. Ubumenyi n'impanūro yadúhaye kăndi n'ūbu abāndânya adúha, vyātubēreye urumuri rutazimá. Nătwe twĭyemeje kubigēndera kugíra nătwe tuzé tubēré abăndi urumuri rutazimá Turakēngurukiye kăndi abĭgīsha böse bó mu gisatá c'īndími n'úbumenyi bwā mūntu na cānecâne abó mū ndími n'ámayăgwa y'íkinyā frika hamwé na Lēta y'Úburŭndi ku rubára yagize ndetsé n'ábîgīsha böse twăcīye imbere kuva dútānguye umwâka wā mbere w'ámashūre matômató gushika turāngíze inyígīsho zâ kámınûza y'Úburŭndi.

Turakēngurukiye abatégetsi bó mu ntârá twăkoreyemwó itōhōza bătwōroheye mu kutwêreka abatânganku rú.Turōngeye gukēngurukira abāntu böse băduhāye inkurú bátarĭnzé kutugōra.Twāgōmba kurăngiza dúkēngurukira umuryāngo wa BIGIRIMÂNA Ferdinand wadúhāye iudâro twări dúkeneye mu kirīngo itōhōza ryămaze.

## INSÍGŨRO Y'ÁMAJĀMBO Y'ĪSHÍMIKIRO

**Icĭbare c'umwămi**:

1) Intârá itǎtwārwa n'úmugánwa yatwârwa n'îcâriho c'úmwǎmi

2) Icĭbare yari intârá yatwârwa n'ábanyamabānga kānāká b'úmugirwá kānāká mu migírwá ndōngōrabuzima bw'ígibúgu mu gihe c'ingoma y'Úbǔrundi.

**Abakani**:ni abāntu bāmûka ku mūntu yītwá MIKANÍ, arí bo kăndi baramútswa icĭbare c'Ábakaní b'í Kidásha mu Rwēsero.

**Kidásha**: agacĭmbiri kamwé muri bubiri bugizé umutǔmba wa Rwēsero. Hītwa gútyo kubêra hatĭgera hátēra intāmbara kukó cāri icĭbare c'úmwămi ngo n'úwabá yákoze ikosá ahâhūngiye yabá akíze băca bámureka akîdegēmvya.

**Rwēsero**: umutǔmba wa rusāsuma ugizwé n'úducĭmbiri tubiri : Kidásha na Kajēnda. Uri mumitǔmba 28 igizé komĭne Makébuko iri mū ntârá ya Gítega.

**Umuryāngo**: muri iki cĭgwa câcu umuryāngo ni umurwi w'ábāntu bavugá kăndi bēméra kó sĕkuruza wā mbere wâbo ari umwé kăndi bamusāngiye.

Ariko hariho umuryāngo=inzu'úmuryāngo=abavândimwé, umuryāngo=ishírahámwe ry'ábāntu ataco bapfānā aríko basāngíye imigămbi.

**Umucó, imicó**:inyîfato y'ábāntu kānāká cānké bari mu murwi kānāká igashobora kubá mibí cânké nzĭzá. Mu Kirŭndi baravúga ngo umūntu w'ímicó mibí cânké myĭzá.

**Umugēnzo, imigēnzo**: ni ingiro, akamenyēro, inyîfato y'úmūntu mu kubáho kwîwé mu bǎndi i muhirá, mu rugó, mu miryāngo, mu makūngu.

**Igisatá**: kimwé mu bihĭmba bigizé umurwi kānāká máze kikaba na có kigizé umurwi kānāká.

**Icîvugo**: ni amazína abāntu bavugá kugira n'úwubûmvīse amenyé ngo ni nākā arēngânye. Kĕnshi na kênshi ayo mazína agasāngira umurwi kānāká w'ábāntu.

**Ugutérekēra**: ibānga ryó gutûnga isáto n'ĭncîrá mu gisaká kiníni bītá ihêro cānké ikĭndi gikôkó câba icó mw'īsbāmba cānké igitûngano.

Uturorero: inkokó yērá, impfĭzi y'íntāma yērá.

**Ibānga**: ni ikinyegézwa, ikĭntu kinyegéjwe kikamenywa na nyénecó gusa. Gutérekēra isáto ni ibānga.

**Ibāngo**: ni isemo, igikorwá umūntu ajējwé.

Akarorero: kubá umusuku ní ibāngo

**Umuziro**: icābujijwe gukórwa n'úwugĭkoze n'ibigirānkána ashobora kubóna ingáruká mbí nk'úmuvumo hâba kuri wé cânké kubîwé hâba ubwo nyéne câné muri kazôzá.

**Ikimazi**: ikimazi c'úmuryāngo ní ikīntu uwo muryāngo utegérezwa kwǎma ufíse kugíra ngo urōnké umugisha

Akarorero: Impfīzi y'íntāma yērá.

**Igiti ndôndamvyâro:** igicápo cērékana urukuríkirane rw'ábāntu bāmûka kurí sêkuruza umwé.

**Ibigabiro:** ni urugó rurímwo ingoró rugizwé n'íbití vy'ímihesú, imimândá, imirīnzi, ibitôngati, ibisurú n'íbikobékóbe rukēgukira umuryāngo kānāká, máze hakaba arí na hó baheréza imihézo yâbo. Urwo rugó kǎndi rwītīrirwa umwǎmi kānāka yatwâye uburǔndi kukó arí na wé yatêra igití cāmbere.

**Ingoma:** Igití c'úmuvúgāngoma bakorógoshora imbere bagatobora uruhǎnde rumwé bāhezá bagashirakó urusâto (icāhi) bākubítakó rukanihīra

**Icāhi**: a) impǔzu basasíra umwâna

b) Urusâto rw'înká bakanîsha ingoma.

**Umuganuro**:

a) umǔsi mukurú w'âhó umwǎmi yahá umwâka Abarǔndi böse agasēngera igihúgu kugíra kibemwó amahóro n'úmwīmbu mwīnshi, agahêzagira n'îmbúto

b) gufūngura ivyó uhāwé n'úmwǎmi

**Akarānga**: agashusho, imero, ubwôko

**Ikizána:** umugozí usigára impǔzu yâtabaguritse, yâhéze hamwé bitagikūnda kó umūntu ayǎmbara.

**Umuvúgāngoma:** igití babāzámwo ingoma.

**Ubutōhōji ndôndōji** : ni ubutōhōji bugerágeza gutôndānura ukó ibīntu bimezé atâbuhīnga buhanítse bugīyemwó

## UGUSHIKIRIZA

Muri iki cĭgwa turabashikiriza icĭgwa căgizwe ku ***Cĭbare c'Ábakaní b'í Kidásha mu Rwēsero n'ímiryāngo babānà*** kuva bákihagerēra gushika n'ŭbu.

Túrāvye ibibázo bijānyé n'úkubáho kw'ábāntu, inyishú ntizishōká zíboneka. Ibibázo bijānyé n'ímiryāngo y'Ábarŭndi ufátiye ku mazína yâyo, insígūro yâyo, imicó, imigēnzo, ivyîvugo ntibirâkórwakó amatōhōza akwīyé.

Nk'ákarorero ugasānga imiryāngo ibāná idásāngíye imirimo, ugasānga bamwé ni abahĭgi abăndi abaróvyi, abăndi abacúzi abăndi bakajīsha intaro, bakabāza ingoma, indéruzo kăndi bákīkijwe n'ámashāmba yūzúye ibikôkó aríko ntibábihīge bagahitamwó kuróba cânkē uwŭndi mwūga. Bĕnshi usānga bátāzí ingéne imiryāngo yâbo yagîye irahīnduka, inkómōko yâbo, igitúma iki bakigirá kírīya na có bakakigira umuziro.

Dúfatiye kurí ivyo vyöse, turabóna kó ibīntu vy'ímiryāngo atākibănza kiníni bigifisé na cānecâne turāvye ingéne abâna batacāmana n'ábavyêyi kubêra imvo zitāndúkānye. Aho twōfatira nkó ku mashŭre usāngá umwâna yágīye kwĭga kure akabāna igihe kitarí gitó n'ábăndi bâna bavá muyĭndi miryāngo bigaca bítuma ivy' úmuryāngo wîwé abífata minenērwe.

Twōkwōngerakó kăndi ikibázo c'íntāmbara cătwāye abavyêyi bōbwīyé abâna bâbo ivy'úmuryāngo na bā sēkúruza bâbo. Ubu n'ábāntu baké bashobóra kudôndagura amazína ya bā sêkúru na sêkúruza ivy'úmuryāngo vyó ntŭbabaze.

Kubêra imvo z'úmūzo w'ábazŭngu băzanye imbonēshakure n'ámashŭre, wâ mwănya abavyêyi băfata mw'ījoro bagakoranya abâna ku zîko kugíra bagānîre ivyărānze umurāngo bōngére babacīre imiganí mū ntŭmbero yó gutânga indero rupfâsóni vyöse vyăratítūtse bica bituma indero igábanuka, urukŭndo rúgabanuka kukó mu miganí ni hó băhēra impanūro umwâna ntăsubire nó kugâba na kare ngo indero iva ku zîko.

Abakaní b'í Kidásha mu Rwēsero băba ndetsé gushika n'ŭbu mu cĭbare nk' ibĭndi vyĭbare nka Higiro, Gishōra, Magămba, Burūnga Musâvé n'íbĭndi. Ivyo na vyó bica bíbonekera k'úkŭntu baba mu kibănza cūbáshwe kidahāngârwa, kidatērwá n'âbânsi, bakagira ikigabiro cūbáshwe baterékēreramwó isáto, bakagira ingoró y'íngoma, bakaba mu kibănza cāgútse kăndi kimerá, bakagira ingabé arí yo shūri băhābwa n'úmwămi ikītīrirwa ikigabiro ariko ugasānga abāntu bĕnshi barītiranya icibare c'Ábakaní b'i Kidásha mu Rwēsero n'icîbare c'i Magămba na cānecâne ufátiye ku batīmbo bo murí ivyo vyĭbare bĕnshi bărabītiranya.

Vyōngeye icĭbare c'Ábakaní b'i Kidásha mu Rwēsero gishobora kubá arí co giserúkira ibĭndi vyĭbare kukó arí co cĭbare bavuga kó arí icā kêra.Abakaní rērō na bōnyene ubwăbo

barîbaza igitúma ico cĭbare câbo cătānzwe kumenyēkana n'ibĭndi vyĭbare nka Higiro na Mágămba kăndi icíwăbo arí co cătānguye ivyo bigatangāza cāne NTAHOMVŪKÍYE Dominique.

Vyôngeye, Abakaní bări mu băndi banyamabānga bakoméye ku ntwâro ya cămi.Aho twōvuga : **ábaganúza** bări bájējwe gutégura umuganuro, **abanyănge** cânké **abîru** bări bájējwe gucūnga ingānzo z'ábămi n'îz'ábămikazi, **abanyamabānga** bā **Kirānga**, hamwé **n'ábatīmbo** rēró bări bájējwe ivy'íbānga ry'íngoma ibānga ryări ríhāmbāye cāne kūntwâro ya cămi.Abakaní nabó rēró bări **abatīmbo** bakoméye dúfatiye ku karorero ka BARAGUMA Umukaní yarí arôngōye ingoma z'Úmuganuro mu mwâka wa 1958. Gushika n'ŭbuAbakaní barakomeye mu vy'íngoma nk'ûkó tujá kubíbona mu mabānga n'ámabāngo yābo.

Izo ní zo mvo nyamúkurú zătumye túgira iryo tōhōza tukīzēra kó iki cĭgwa kizôbêra urumuri ibĭndi vyĭgwa vy'ímiryāngo. Twīzêre kó iki cĭgwa kizôhá inguvú abăndi bashākashātsi bazôkénera kwĭga íyĭndi miryāngo kukó ni ngōmbwá kó umurŭndi wĕse yōmenyá íyĭndi miryāngo mibânyi ndetsé n'íyitarí mibânyi.

Iki cĭgwa kizōkwērekana akamaro k'úmuryāngo w'Ábakaní b'í Kidasha mu Rwēsero n'úbuhĭnga bwâwo ndetsé abăndi baboné gufátirakó akarorero kēzá kukó n'âhó ingeso y'úrugó itūbáka urŭndi bavuga kó ubwênge burahúrwa.

**INCÂMAKÉ**

Iki gikorwá kigizwe n'íbigabáne biné bitāngúrirwa n'întângamárārá bigaherezwa n'úmusôzo. Ikigabáne cā mbere arí co **AKARĒRÉ K'ÍTŌHŌZA** gica hĭrya no hĭno ako karēré ahó twăsánze gákomeye kuva kū ntwâro ya cămi gushika n'ŭbu. Aho twăfatiye ku bibănza vyūbáhwa gushika n'ŭbu biharăngwa n'ímigirwa yahárăngūrirwa nkó kubāndwa nó gutérekēra kăndi gushika n'ŭbu barabigira gusa barînyegeza bátīnya ababábona.

Ikigabáne cā kábiri kigizwe **n'ÂMÂMŪKO Y'ÁBAKANÍ B'Í KIDÁSHA MU RWĒSERO** ahó twăsānze bamwé bávuga kó bōba bămye bába ng'ăho i Kidásha mu Rwēsero abăndi bakavuga kó bōba bâje bâzananye n'úmmwămi wā mbere NTÁRE RUSHATSI CĀMBARANTĀMA ko arí na wé yabáraze umwūga wó gukana, kuvúza nó gutâmba ingoma. Murí iki kigabáne harimwó amâmūko y'îzína Abakaní ahó bavugá ko bītwá Abakaní kubêra sĕkuruza wâbo yĭtwa MIKANÍ.

Ikigabáne cā gátatu kigizwe n'**ÍMICO N'ÍMIGĒNZO NDĀNGAMURYĀNGO** ahó twăsānze Abakaní atâ micó cânké imigēnzo bīsângije kíretse hágeze umwănya wó kurāngūra amabānga yâbo ajānyé n'íngoma nó gutérekēra.

Ikigabáne cā káne cērekeye **URUHÁRA RW'ÁBÁKANI B'Í KIDÁSHA MU RWĒSERO MU KWŬBAKA IGIHÚGU** ahó twăsānze Abakaní kuva kū ntwâro ya cămi bări bájējwe kujāna ingoma umunăni nshăsha ku mŭnsi mukurú w'úmuganuro i Murāmvya. N'ŭbu rēró bāma báseruka mu mĭnsi mikurú ikoméye mu gihúgu eka mberé nó mu makūngu barashikayó kuvúza nó gutâmba ingoma kăndi barîgīsha n'ábăndi kuzívuza nó kuzítāmba.

## URUTŎNDE RW'ÎBIRÍMWO

**ABÓ IKI GIKORWÁ GITŪWÉ** ........ i

**UGUKÊNGURUKA** ........ ii

**INSÍGŪRO Y'ÁMAJĀMBO Y'ĪSHÍMIKIRO** ........ iii

**UGUSHIKIRIZA** ........ v

**INCÂMAKÉ** ........ vii

**URUTŎNDE RW'ÎBIRÍMWO** ........ viii

**0. INTÂNGAMÁRĀRÁ** ........ 1

0.1. Inkîkūro y'icǐgwa ........ 1

0.2. ibimáze kwāndikwa kurí iki cǐgwa ........ 1

0.3. Ibibázo nyamúkurú vyīgwá muri iki cǐgwa ........ 2

0.4. Ihāngiro ry'icǐgwa ........ 2

0.5. Akamaro k'icǐgwa ........ 2

0.6. Ubuhīnga bw'itōhōza ........ 3

0.7. Igihe icǐgwa gihagázekó ........ 3

0.8. Imihîngo y'itōhōza ........ 4

**IKIGABÁNE CĀ MBERE : AKARÊRÉ K'ÍTŌHŎZA** ........ 5

1.1. Indôndabihugu y'ákarêrė kā Kidásha mu Rwēsero ........ 5

1.2. Imyônga n'ámasôko dusāngáho ........ 5

1.3. Ubwôko bw'ibití dusāngahó ........ 5

1.4. Ibitĕrwa bihamerá ........ 6

1.5. Ubwôko bw'ibikôkó dusāngáho ........ 6

1.6. Kidásha mu Rwēsero mwītûngānywa ry'întwâro ........ 6

1.7. Kidásha mu Rwēsero mu micó n'ímigēnzo irāngá Uburǔndi ........ 7

1.8. Ibibānza vyūbáhwa ........ 7

1.9. Kidásha mu Rwēsero mu migirwá ijānyé n'úbuzima bw'Ábarǔndi ........ 14

1.9.1. Ukubāndwa ........ 14

1.9.2. Ugutérekēra isáto ........ 16

**IKIGABÁNE CĀ KÁBIRI: AMÂMŪKO Y'ÁBAKANÍ** ........ 18

2.1. Amâmūko y'Ábakaní ........ 18

2.2. Icîvugo c'Ábakaní n'însígūro yâco ..... 19

2.2.1. Icîvugo ..... 19

2.2.2. Insígūro y'ico cîvugo ..... 19

2.3. Ahăndi Abakaní batūyé ..... 19

2.4. Ibití ndôndamvyâro vyā bā sêkúruza ..... 21

2.4.1. Igití ndôndamvyâro cā BIHANIBABA ..... 21

2.4.2. Igití ndôndamvyâro cā BARAGUMA ..... 23

2.4.3. Igití ndôndamvyâro cā NGŌNA ..... 24

2.4.4. Igití ndôndamvyâro cā BIRAGŌRA ..... 24

2.5. Imiryāngo yĭndi ihatūye ..... 25

2.5.1. Ibití ndôndamvyâro vyâbo n'ínkurú kurí ivyo bití ..... 26

2.5.2. Imiryāngo iharí n'âhó tuyisănga ..... 36

**IKIGABÁNE CĀ GÁTATU: IMICÓ N'ÍMIGĒNZO NDĀNGAMURYĀNGO ..... 37**

3.1. Imicó ..... 37

3.2. Imigēnzo ..... 37

3.3. Imiziro ..... 38

3.4. Ibimazi ..... 41

3.5. Ikibănza c'Ábakaní b ' í Kidásha mu Rwēsero mu mihāngo ijānyé n'úbuzima bw' Ábarŭndi ..... 41

3.6. Ibikórēsho vyā kêra n'ŭbu bikiharí ..... 42

3.6.1. Ibikórēsho vyó gutérekēra ..... 42

3.6.2. Ibikórēsho vy'ímyūga ..... 45

**IKIGABÁNE CĀ KÁNE: URUHÁRA RW'ÁBAKANÍ B'Í KIDÁSHA MU RWĒSERO MU KWŬBAKA IGIHÚGU ..... 47**

4.1. Ingéne Abakaní Kidásha mu Rwēsero bănywānye n'íyĭndi miryāngo ..... 47

4.2. Amabānga n'ámabāngo y' Abakaní b'í Kidásha mu Rwēsero ..... 47

4.2.1. Amabānga y'Ábakaní b'í Kidásha mu Rwēsero ..... 48

4.2.2. Amabāngo y'Ábakani b'í Kidásha mu Rwēsero ..... 48

4.3. Ingéne Abakaní băkurikiranye mu kurōngora ingoma aho i Kidásha mu Rwēsero ..... 50

4.4. Ingoma mu mayăgwa y'íkirŭndi ..... 50

4.5. Igikorwá c'úmukurú w'íngoma ..... 51

4.6. Imigĕnderanire y'icĭbare c'í Kidásha mu Rwēsero n'íbĭndi vyĭbare ..... 52

4.7. Ívyîpfūzo vy'Ábakaní b'í Kidásha mu Rwēsero ..... 54

4.8. Uruhára rw'icĭbare c'ábakaní b'í Kidashá mu Rwēsero mw'ītērambere ry'úburŭndi bw'ŭbu mukunágūra akarānga k'ígihúgu ..... 54

**UGUSÔZĒRA ..... 56**

**AMASÔKO Y'ÍVYĂNDITSWE ..... 57**

**INYÓNGERÁ ..... 61**

# 0. INTÂNGAMÁRĀRÁ

Iki gikorwá turíko turabashikiriza gihagaze ku ***Cĭbare c'Ábakani b'i Kidásha mu Rwēsero n'ímiryāngo babānā***: imícó n'ímigēnzo yâbo. Duca hĭrya nó hĭno imicó, imigēnzo, bamwé n'ákarānga k'ŭwo muryāngo w' Ábakani. Murí iyi ntângamárārá turĭhwēza nêzā ibicé nyamúkurú dúhēreye kū ukîkūro y'icĭgwa, akarêré k'itōhōza, ibibázo nyamúkurú, ihāngiro n'ingēndo y'ígikorwá, igihe igikorwá gihagázekó tutĭbágiye gusesāngura ibimáze kwāndikwa kurí iki cĭgwa.

## 0.1. Inkîkūro y'icĭgwa

Iki gikorwá cērekeye ***icĭbare c'Ábakaní b'i Kidásha mu Rwēsero n'ímiryāngo babānā***.Ni kimwé mu bĭndi bikorwá bimazé kugirwa mu gutōhōza imicó n'ímigēnzo y'imiryāngo imwîmwé. Ni có gitúma twatēwé integé nó gucá hĭrya nó hĭno ivy'imicó n'imigēnzo y'ŭwo muryāngo mū ntūmbēro yó kumenyēsha aBarŭndi bó nyéne ubwābo yába umutó cānké uwukúze ivy'ímibērehó y'ímiryāngo.

Abakaní b'í Kidásha mu Rwēsero n'ímiryāngo babānā ni bó iki gikorwá gihagázekó. Kubêra uwo muryāngo wâcu uhāmbâye kuva kū ntwâro ya cămi ndetsé gushikan'ŭbu kubêra ubuhĭnga bwâwo bwó gukana, kuvúza nó gutâmba ingoma, twāhisemwó kuwîga tuwuca hĭrya nó hĭno imicó, imigēnzo hamwé n'úbuhĭnga bwâwo kugíra n'ábāndi bawufatírekó akarorero.

## 0.2. Ibimáze kwāndikwa kurí iki cĭgwa

Ibibázo vy' ímiryāngo vyărafashe íyĭndi ntūmbēro uhêreye ku mūzo w'ábazūngu kukó bôbó băzanyemwó ikibázo c'ûbwôko kugíra batāndúkānye Abarŭndi bōngére bōróherwe kudúcura bufûni na buhoro.

Abashakāshātsi bēnshi bāragérageje kwāndika ivyó bātōhōje ku miryāngo aríko bēnshi bāyĭga murí rusāngi.

N'ábāndika bēnshi bāndika mu kinyámazūru ugasānga mberé rimwé na rímwe icĭyumvĭro umutāngankurú yatānzé umutōhōji yāgihiĭnduye kū mvo z'úkubúra nêzá na nêzá ijāmbo rihūyé n'irĭndi mu rūndi rurími.

Twōkēngurukira umwāndítsi yagérageje kwāndika ku migēnzo n'ímiryāngo y'Ábarŭndi mu Kirŭndi nyakwĭgendera Padíri(1) NTAHOKAJA Jean Baptiste yarádusigiye urutōnde rw'ímiryāngo y'ÁBarŭndi rutarí rutó. Twōkwōngerakó abāndi bānditse ku miryāngo y'Ábarŭndi mu Kirŭndi nka SADIKI Elie (2) yānditse ku *muryāngo w'Ábashūbi b'í Gitára*

*kwā Karabôna,* (3) NDAYISHIMIYE Immaculée yānditse *ku vyībare vy'úmuganuro vyó mu Burūnga Kirwa na Magamba.*(4) NTAHOMBAYE Alphonsine *(yānditse ku muryāngo w'Ábahūra b'ī Nkóma,* (5) NIYŪBÁHWE Egide *Umuryāngo w'Ábarōnge,* (6) NDAYIRAGIJE Gerth *umuryāngo w'Ábajīji b'ī Nkóma ya Bánege,* (6) BANKUWUNGUKA Félicien yănditse ku *cībare c'í Magāmba,*(7) n'ābāndi tukabona kó bōtubēra urumuri hamwé twōbīgana kukó bituma imicó n'ímigēnzo y'ÁBarūndi itêra imbere ,(8) NININAHAZWE Godelive *La Vie des ritualistes attachés au culte des tambours.* Cas des Bakani b'i Kidasha mu Rwesero

**0.3. Ibibázo nyamúkurú vyīgwá murí iki cīgwa**

Iki gikorwá gihagaze ku ***Cībare c'Ábakaní b'í Kidásha mu Rwēsero n'ímiryāngo babānā***. Turagerageza gutânga inyishú ku bibázo nyamúkurú vyērékeye ***icībare c'Ábakaní b'í Kidásha mu Rwēsero n'ímiryāngo babānā***

Mbēga Abakaní b'í Kidásha mu Rwēsero bōba bákomōka he?

Kubêra ikí aho babá hītwá i Kidásha ?

Uwo muryāngo urafise ibisatá? Ivyâhé?

Bōba bāgerēreye ako karêré gúte?

Ni iyîhé micó n'imigēnzo ibarānga?

Bānywānye gúte n'íyīndi miryāngo itūyé murí ako karêré ?

Uruhára mu kwūbaka uburūndi muri kāhise n'ūbu ni urūhé ?

Íbití ndôndamvyâro vy' Ábakaní b'í Kidásha mu Rwēsero.

**0.4. Ihāngiro ry'ícīgwa**

Icīgwa cērekeye Abakaní b'í Kidásha mu Rwēsero kukó arí umuryāngo wamáze imyâka myīnshi uhári kāndi báwuvugakó vyīnshi. Ni muri iyo ntūmbēro twāhisemwó gucá hīrya nó hīno iyó Abakaní b'i Kidásha mu Rwēsero bāje bákomōka, igitúma aho babá hītwá i Kidásha, ingéne bāgerēreye ako karêré, imicó n'imigēnzo yâbo, ingéne bānywānye n'íyīndi miryāngo batūyé hamwé, uruhára rwâbo mw'ītūngānywa ry'igihúgu c'úburūndi murí kāhise n'ūbu tukaba twîzēye gushika kū nyishú ziramá.

**0.5. Akamaro k'ícīgwa**

Iki cīgwa gica mu mizi ***icībare c'Ábakaní b'í Kidásha mu Rwēsero n'ímiryāngo babānā***ira kugira umurūndi wēse ndetsé n'úmunyámahānga abishobóye amenyé uwo muryāngo nēzá yîshimije iki gikowrá.

Aho n' ábăndi batōhōji barashóbora kwīsūnga ivyănditswe kurí uyu muryāngo kugira băndike ku yĭndi miryāngo. Aho rēró biratúma umwānditsi ubwîwé aménycēkana

Umuryāngo nyēzína uramenyēkana kubêra nk'úbuhĭnga wari usānzwe ufise bugĭyé ahabóna kare bwâhora mu gifūri. Umuryāngo uranáboneraho n'ákaryó kó gushikiriza ivyîpfūzo n'íbibázo vyâwo bigahéza bigashika imbere mberé ibishóboka bigatōrerwa inyishú.Igihúgu kirahátōrera akōyōkwe kukó umutōhōji arashóbora gutōhōza ku muryāngo ufisé ubuhĭnga igihúgu gikenéye ugasānga mberé uwo muryāngo igihúgu kirawurūngitse mu mahiganwa mpūzamakūngu igihúgu kigahéza kikamenyēkana kăndi kikarōnka agashīmwe kw'īzína ry'ūwo muryāngo.

Aha nōtānga akarorero ku Bakaní b'i Kidásha mu Rwēsero bôbó kubêra ubuhĭnga bwâbo bwó kuvúza ingoma bwătumye igihúgu kímenyēkana mu makūngu kū ngēndo bāmá bágira kénshi bágĭye kuvúza n'úgutâmba ingoma.

Aho igihúgu kiraharōnkera akarusho nk'ámafarânga y'ágacîro n'ăbo bahĭnga b'íngoma nyéne baraharōnkera akarusho. N'úmusomyi rēró arahéza akagira inguvú zó kurōndera amáze kubóna ibĭndi vyănditse bakaboneraho n'úburyó bwó gukosōra ahó umūntu yōbá yîhēnze cānké akamúshigikira.

## 0.6. Ububĭnga bw'itōhōza

"Itōhōza ndôndōji" ni ryó twăkorēsheje kugira dutūngânye iki cĭgwa. Twăragérageje kubáza idó n'ìdó uburyó ibintu bimezé twîsūnze abatângankurú babishobóye twătōye.

Twĭsūnze imyâka yōse, ibitsína vyōse, na cāne cāne abavûka muri uwo muryāngo hamwé n'âbó băhāye abageni bakōngera bakabagerēra. Twăcĭye dúshimāngira ivyăvūye mw'ītōhōza twĭsūnze ibĭndi vyănditswe.

Twîsūnze urukurīkurane rw'íbibázo twări dúfise twărabájije abatânganku rú na bó baratwĭshura nēzá tukōngera tukabáfata amajwi. Twărōngeye turatêmbērana n'ábatângankurú mu turêré twōse tw'ítōhōza hamwé mberé nó mu bibănza birímwo ibigabiro vyâbo n'íbĭndi bibânza vyūbáhwa twōngera turabífata amasánāmu. Inyishú twărazitwâye muri ako kūma gafatá amajwi hānyuma turīcara uruhănde rumwé turazîmurira mw'īkayé kugira tubonē kuzitōra utunēnge mu gukūramwó ivyó dukenéye.

## 0.7. Igihe icĭgwa gihagázekó

Icĭbare c'Ábakani b'i Kidásha mu Rwēsero cămyehó kuva kū ntwâro ya cămi gushika n'ŭbu kukó bari amabānga n'ámabāngo Abakaní bó muri ico cĭbare bări bájējwe i bwămi na cāne câne ku mu mūnsi w'úmuganuro ahó bări bájējwe gutwâra ingoma nshăsha

Iki cīgwa rēró gihēra kuva uburūndi búbahó gushika n'ūbu. Abakaní barafise icó būngânira mu buzima bw'ígihúgu. Kubêra bǎmyehó kuva kū ngoma yá cǎmi duca túgēnda turarāba ukūntu bāgīye baragwīrirana muri ako karêré n'úkūntu bāgīye kugerēra ahāndi n'ímvo zǎbitumye

**0.8. Imihîngo y'itōbōza**

Kidásha kukó arí ho Abakaní bīgânziye bōse kiretse abó bāgerēreye.Ni agacīmbiri kamwé muri tubiri : Kidásha na Kajēnda tugizé umusózi wa rusāsuma wa Rwēsero. Ni akarêré kari mu buseruko bwā kómīne Makébuko kakaba kāndi kári mu bumanuko bushīrá ubuseruko bw'īntâra ya Gitéga. Ni akarêré kāndi gahānā urubíbe n'ímitūmba ya Ruhānza na Gihamagará mu buseruko, Makébuko mu burârūko, Ntītá na Kagēge mu burêngero hamwé na Gásāsá mu bumanuko.

Ako karêré n'âhó arí gató kǎmye arí ak'Ábakani bāri bájējwe amabāngo yó kujāna ingoma nshásha ku muganuro nk'ûkó BĀNKURUNÁZE Emmanuel[1] abivugá

[1] Emmanuel BĀNKURUNÁZE, umutângankurú, Rwēsero kuwa 3/8/2014

## IKIGABÁNE CĀ MBERE : AKARÊRÉ K'ÍTŌHŌZA

### Intângamárārá

Muri iki kigabáne tuja gushikiriza ahó icībare c'Ábakaní b' í Kidásha mu Rwēsero gitūmbéreye, imyônga, amasôko, ibikôkó hamwé n'íbitērwa dusāngáyo, tútībágiye ibibānza vyūbāhwa vyáho hamwé n'úruhára rw'āko karēré mw'ītūngānywa ry'íntwâro nó mu migirwá ijānyé n'úbuzima bw'Ábarūndi.

### 1.1. Indôndabíhugu y'ákarêré kā Kidásha mu Rwēsero

Kidásha mu Rwēsero ni icībare kirí mu ntārá kāmá y'í Kirimiro. Ni icībare kiri ku mutūmba wa rusāsuma wa Rwēsero muri komīne Makébuko intârá ya Gítega. Rwēsero ni umutūmba ugizwé n'úducīmbiri tubiri Kidásha na Kajēnda. Ico cībare kiri mu gacīmbiri ka Kidásha ku mutūmba wa Rwēssero.

Uwo mutūmba wa rusāsuma ubu mu mwâka wa 2018 ugizwe n'íngó amajana atatu na mirōngo itāndátu na zine (364) nk'ûkó Umukaní NYĀNDWI césaire[2] arōngôye umutūmba wa Rwēsero abivugá. Umutūmba wa Rwēsero uhāna urubibe n'ímitūmba ya Ruhânza na Gíhamagará biri muri komīne Tāba mu buseruko, Makébuko mu burârūko, Ntîtá na Kagēge mu burêngero hamwé na Gásāsá mu bumanuko.

### 1.2. Imyônga n'ámasôko dusāngáho

Kidásha mu Rwēsero ntā rûzi rubacá aríko tuhasānga imyônga n'ámasôsko. Hari umwônga Kanyōmvyi ugabúra umutūmba wa Mákebuko na Rwēsero. Turahásānga kāndi umwônga Kamirabare wahâmbwemwó MIKANÍ umanúka gató ugahūra n'ûmwônga Gasēnyi zigaca zîsuka muri Nyamuswāga rugabúra agacīmbiri Kidásha na Kajēnda. Nyamuswāga ruca rúbandānya rugahûra n'âkônga Kizíga na Kányōmvyi zigaca zíhīnduka Nyamuswāga. Hari n'úwūndi mwônga wītwá Kôgabāmi ufisé isôko mu gacīmbiri ka Kajēnda aríko ugatēmba ujá muri komīne Itāba.

### 1.3. Ubwôko bw'íbití dusāngahó

Kidásha mu Rwēsero hamera ibití vy'ûbwôko butúndukānye. Muri vyo hari ivyó bātēye n'ívyīmeza. NTAHOMVŪKÍYE Dominique[3] aratúbwīra ibití tuhasānga : hari imimândá, ibikóbekóbe, imivúgāngoma, ibitôngati, imimyáre, amatovu, inganigani, imirīnzi, imisâsá, imihoróro. Arōngera ati : hari ibití ubu bitakihaboneka vyāhahora kēra kukó abāntu bāgiye barahónya amashāmba báshāka amatōngo yó kurima kubêra igwīrirana ry'ábāntu.

---

[2]Césaire NYĀNDWI, umutângankurú, Rwesēro, kuwa 3/8/2014
[3]Dominique NTAHOMVŪKÍYE, umutângankurú, Rwesēro, kuwa 3/8/2014

Muri ivyo biti harimwó ivyŭbahwa cāne kurusha ibĭndi nk'ákarorero imimândá, imirīnzi, ibitôngati hamwé n'ímivúgāngoma bakagaruka bakavyīta ibití vy'Îmâna. Hari n'íbití dusāngayó vyăzanywe n'ábazŭngu nk'ímikáratŭsi, isêdéri, igerevēriyo n'íbĭndi.

## 1.4. Ibitĕrwa bihamerá

I Kidásha mu Rwēsero uhábshitse uhasānga ibitĕrwa bitāndúkānye. Muri vyo hari ibitĕrwa mbûmbarúgo nk'íbiharage, ibigôri, amateke, uburó, amasaká, inyabutōngo, ibitōke, ibirayá, imyūmbati, ibijūmbu, amashu, ikarōti, ubwīshaza, intore, intêngwá, ingano, ibiyôbá. Turahásānga n'íbitĕrwa njábukamâzi nk'î kâwá n'ítăbi.

## 1.5. Ubwôko bw'íbikôkó dusāngábo

Muri rusāngi ibikôkó vyâba ivyo mw 'īshāmba cânké ibitûngano, birafise akamaro mu buzima bw'ábāntu.

Ibitûngano : Inká, impené, intāma, ingurube, udukwâvu, n'útubeba.

Dútānze akarorero kū nká, akamaro ifitíye abāntu ni kanini. Iratânaga amasé, amatá, amavúta, inyama hamwé n'însâto. Urusâto rufise akamaro kanini ku Bakani b'í Kidásha mu Rwēsero kukó ari rwo bakorêsha mu gukana ingoma na zó zikaba ari zo zibarănga kukó ari abatīmbo bărazwe uwo mwūga n'úmwāmi NTÁRERUSHATSI CĀMBARANTĀMA kuva kuri Sĕkuruza wâbo MIKANI nk'ûkó BARĀNYANZIRIYE Henri[4] abivugá. Ariko uwo mutânganküru aravúga kó atari urusâto urwó ari rwo rwŏse bakorêsha mu gukana ingoma. Ngo bakorēsha urusâto rw'înká imazé kuvyâra gatatu cânké karēngá. Ngo urusâto rw'împfīzi ntibarukanîsha ingoma kukó ruragumáraye ukúbisekó umurisho ruca rútabuka n'íngoga. Inyuma y'ăko kamaro k'úrusâto Abakani b'í Kidásha mu Rwēsero bīsângije, ubŭndi bumaro ibikôkó bifitíye abāntu batūyé i Kidásha barabusāngiye.

**Ibikôkó vyó mw'īshāmba :** Ingeregére, inkwâvu, inkwăre, inyoni. Ingwe n'ímfyisí vyărahahóra ariko ubu ntizikiharāngwa.

## 1.6. Kidásha mu Rwēsero mwītûngānywa ry'întwâro

Uburŭndi bwămye bútūngānije nêzá mu vy'întwâro mberé n'ábatwăre bakagēnda barasūmbana bikanabonekera kó hējuru ya bŏse hări Umwămi umwé.Ni wé yagába akagānza igihúgu cŏse n'íbirímwo imbere y'úmūzo w'ábazûngu. Ahó abazŭngu bagīríye, ubu uwugânza igihúgu ni umukuru w'ígihúgu.

---

[4]Henri BARĀNYANZIRIYE, umutânganküru, Rwesēro, kuwa 03/8/2014

Ku mŭnsi mukurú w'úmuganuro icĭbare c'í Kidashá mu Rwēsero cărajâna i Murāmvya ahăbēra umŭnsi mukurú ingoma nshăsha nk'íbĭndi vyĭbare kigatakó kikagabana nk'ibĭndi vyĭbare. Ivyo bikavugwa na Emmanuel BĀNKURUNÁZE[5].

Gushika n'ŭbu rēró, Kidásha mu Rwēsero ni icĭbare gikoméye kukó n'ŭbu kiguma gíkenewe mu kujá kuvúza ingoma ku mĭnsi mikurú ikoméye y'í gihúgu ndetsé nó mu makūngu cāma gíseruka nk'ûkó Emmanuel BĀNKURUNÁZE abivugá.

**1.7. Kidásha mu Rwēsero mu micó n'ímigēnzo irāngá Uburŭndi**

Aho hāmbere, imbere y'úmūzo w'ábazŭngu, Umwămi yăma ukó umwâka utāshé agánurira Abarŭndi, akaryá umwâka akōngera agahêzagira imbúto n'igihúgu cōse.

N'âhó rēró ingoma z'úmuganuro zăgabwa n' úmujîji yĭtwa MWĀMBUTSA w'í MAGĂMBA akōngera akaba n'úmubwĭriza wa Karyēnda, Emmanuel BĀNKURUNÁZE[6] arêmeza kó n'âhó icĭbare c'í Kidásha mu Rwēsero atari ic' Ábajîji na có nyéne căjāna ingoma nshăsha i Murāmvya ku mŭnsi w'úmuganuro zirōngōwe n'úwabá atwâra ikigabiro zigahéza zigashikira mu zĭndi. Twōtānga akarorero kurí BARAGUMA Umukaníyatégetse ingoma z'úmuganuro umwâka wa 1958.

Ubwôko bw'íngoma z'Ábakaní bājāna ku muganuro ni :

Ibishikirizo : ziníni zā mbere

Amarĭmbi (ivyākirizo) : zó hagatí na hágatí

Amashāko (amarōsi) : zitôzitó zifisé ijwi ryó hējuru

Inkiránya : ni ingoma ijá imbere y'ízĭndi. Ubu kĕnshi usānga bâyisīze ibára ry'îbênderá ry'ígihúgu.

**1.8. Ibibănza vyūbáhwa**

Murí rusăngi ibibănza vyūbahwa ni ahāntu hadashikwá na bōse bivānye n'ímigirwá abāntu baharăngūrira nkó gutérekēra, kubāndwa, gushikana.

Ibibănza vyūbáhwa rēró aho i Kidásha mu Rwēsero ni : mu Bigabiro, mu Kôgabămi, Kw'Ībuye ryā Nakinyukura, mw'Ī Hêro, mu Kigabiro, mu Rwēsero, mu Kamirabare.

---

[5]Emmanuel BĀNKURUNÁZE, umutânganknrú, Rwēser, kuwa 03/8/2014
[6]Emmanuel BĀNKURUNÁZE, umutânganknrú, Rwēsero, kuwa 03/8/2014

**a) Mu bigabiro**

Mu bigabiro vy'Ábakani bavyūbaha kukó arí ho bărāngûrira imigirwá imwûmwé yâbo y'íngoma n'úgutérekēra kāndi ni na hó bāzishikiza bávūye kuzibāza.Ivyo bikavugwa na Audace NSHĪMĪRIMÂNA[7].Ni ikibānza cūbáhwa kubêra kó bitīnjíramwó uwó ari wé wēse. Hīnjiramwó gusa abasânzwe báfise amabānga mu kuvúza ingoma kāndi ntā mugoré yīnjirayó. NININAHAZWE Godelive[8] mu gitabo cîwé c'úmutsîndo avuga kó hūbahwa kubêra bâterekēreráyó isáto yīūrirwa GASÁRO amáze gupfá. Yari mushíki wa MĪKANĪ akaba yari umwămikazi wa NTÁRE RUSHATSI.

Umutângankurú BARĀNYANZIRIYE HENRI[9] aravúga mū nkurú z'înkómōko y'îkigabiro cāmbere ati : NTÁRE KINYĀMPURAMA yabá i Buha kwā inasênge mukâ RUHAGA mu Buvyīnza. Nâhó yakína n'ábāndi bâna igipfūnsı cîwé nticîgera gípfūndururwa. Cărimwó imbúto z'Úburūndi n'ámatá. Yari afise impfizi yîwé imuréreyeyó ariko sé ntitumūzi. Uburūndi bwătwārwa n'úmugoré INAKIBINDIGIRI. Ntā Mushîngantāhe yariho. Abapfumú bagerageza kurōndera umugabo.

NDWĀNO hamwé na RÚNYŌTAbaramurāngirwa i Buha. Bararôta imigoto yó kubagota n'imiziro yó mu MALAGARĀZI n'îyó kwā RUHAGA. Inká zitāshe baca barukubitamwó umuzi ruca rurīkuma· rumwé epfó urūndi harugúru Mw'ījoro barashika basānga impfīzi ya RUHAGA iri kw'īsūmba, ngo igiré irayishikīra iyó kwā NTÁRE KINYĀMPURAMA ikayigigīmvya iyirēnza urugó. RUHAGA arasinzīriye.

Impfīzi y'intāma ya NTÁRE KINYĀMPURAMA icahó. Bafata yâ mpfīzi y'intāma n'intāmakazi yâyo na yâ mpfīzi bamushira kū ndéruzo.

Yîkānguye ati barāje kumútwāra wâ murushi wâbo.Ati koma indûrú bantabâre ndanyazwe.

I Burūndi iwābo ni yo baroyé kwīma. Ati yuuh! Narábakóreye! Mukâ RÚHAGA wêwé yari abîzi ati: gāngabukira hīyo ntáho bamutwāye.Abasoda bîwé bāri báfise inkōho bati: uwōbara NTÁRE ni RUHAGA wé yaréze umusēngezana nôné agīye kwīma. Bájabutse bakubitamwó wâ muzi ruca rurûzura.Abanyabuha baja hīrya nó hīno. NTÁRE akarōta kó acá i Nkóma hamwé n'ábapfumú na vyâ bimazi. Bāgēnda barahūha imitī gushika i Nkóma.Băza bararota bábasubizayó, băkoresha imikīnzo.Umwămi avûye i Nkóma asānga sogókuru

[7]Audace NSHIMIRIMANA, umutângankurú, Rwēsero, kuwa 03/8/2014

[8] NININAHAZWE (G.), *La vie des ritualistes attachés au culte des tambours. Le cas des Bakani de Rweseso-Kidasha (Fin 19è à nos jours)*, Mémoire, UB, Bujumbura, FLSH /Département de Langues et Littératures Africaines 1992.p30

[9]Henri BARĀNYANZIRIYE, umutângankurú, Rwēsero, kuwa 03/8/2014

MAGURU yavūye i Gasáse mu Kibŭmbu aba mw'īsēsnga inákimonyó mu Rwēsero. Yari yágīye gutôra ibuye ryó gucúrirakó, asānga umwămi yarōse abâna bîwé yabâtwâye MIKANÍ na múshikiwé GASÁRO.

Ingoma NTÁRE yarí afise yari iya sé, uwayírōse yarôse urukizá n'úrutsiro. Umwămi yagórōye mu kôgabămi, MAGURU ati : abâna bānje bari hêhé ? Ntabāra ! Umwămi ati : ni mūmpé GITÁRE C'ÌNGŪMBA tuyicumite, ati murayishirakó inzogera n'ibīndi muyishiré mu kôgabămi. Inká zări zíragiye GASÁRO, KINYĀMPURAMA aravyâgira mu RWĒSERO, GASÀRO aba umugoré wîwé.Erega umwămi yagênda ararōngora umuhutúkazi wó kwīyuhagirakó. Abapfumú bati :mu RWSĒSERO uzōhamara gatānu. Ati ikore mūnkoránwa bāshá igiti kirakorá. Fata ingīmbay'igihoróro mubāgé mushiré mu kôgabămi Yariko ibézayó.Báyishikiriye abânsi n'inzara n'ákāntu bararyá hānyuma basubira inyuma kukó yariko ihézayo. MAGURU ajé akúrikira umwămi, umwămi ati:ni mwāboná MAGURU apfûye arâba epfó muramubogora, níyagwá arâba rugúru i MURĀMVYA muramureka azōba abáheneye abânsi Umwămi ati: ndōse nâbí, ingo tugēndé ! Asiga MIKANÍ mw'ītōngo ahatēra umuvumú ati . tugēndé! Na vyâ bimazi vyîwé (impfīzi, intāma, ingoma, intāmakazi).

Háno mu RWĒSERO ndahasize ingoma, umugwa w'íngoma. Ingoma ivúze baravuza impūndu ariko atari cāne kukó cătwāra abăndi. Ati twūngúruze. Aja i GÁSÂSÁ arahárāra ahasiga incoréke. Búkēye bamera nk'ábasubira iyó bāvūye bája i MAGĂMBA kwa RUHŪMBA sé wa TĪNYA. Barōta intsînzi. Ahasiga ikigabiro, ahasiga na kâ kagoma kîwé. Sogókuru MAGURU abasoda bā RUHAGA bamurasira i MPÛNGWE agwa aróra i MURĀMVYA ahenera abânsi arâba iyó umwămi ajá. Aragēnda, akúbise ku rubíbe rwā RÚGABÉ na NTĒTURUYE agaruká i MAGĂMBA ajá mu BURŪNGA. Aravyûra na vyâ bimazi ajabuka RUVYIRÔNZA ashika i NYĒJORO. Aravyûra n'ibīntu vyósebárimwó intsînzi aja kwā sé wa KĒBEYA umuganúza w'úmwămi i KIRWA. Aja mu BUJŌZI bwā JÚRWE kwā RÚNYŌMVYI n'ábapfumú n'ibimazi vyîwé. Ati ngīye i KIGĂNDA kurāba Abarŭndi bānje.Agumahó arâba umisózi arashīnga ruraguma.Asubira i MBUYE mu mónyi zā SÀGA. Ati ngīye kwīma ndavyûye ingó zānje ni nyīnshi. Ati ngīye i KIVYÊYI kw'īyímiro. Arahīcara ibigānza vyîwé ni hó vyăpfūndurukiye. Atumakó ingoma zó mu RWĒSERO zihítana n'īz'i MAGĂMBA n'îzó mu BUJŌZI abăndi böse ni abó mū nyuma Ati muzōkwāma mûza ku muganuro.Bā dâtá baja kwārama. Arūngika impfīzi n'ísūmba yâyo ahó yacîye höse. Ku rûzi rw'i KIVYÊYI ni hó twămbikirwa imbega. Igihúgu gihābwa abagánwa umwé yagítwāra asubira hāsí. INAKIBĪNDIGIRI yarámuháze uwavûye kwā RUHAGA. Nătwe twări abaganúza b'íngoma Ingoma ní zo zămushigikira.

Túrāvye rēró ivyānvuzwe na BARĀNYANZIRIYEHenritubona kó ikigabiro c'i Kidásha mu RWĒSERO ari co cāmbere kukó cātānguranye n'úmwāmi wāmbere NTÁRE RUSHATSI akaba ari nawé yabáhāye amahûrwé yó gukana ingoma nó kuzijāna ku muganuro. Bati: bā sōkúruza bâcu bāje bâzananye na NTÁRE RUSHATSI bávūye kū NKÎKO.

Bări bâje kurōngōra igihúgu. Ivyó tūzi ntibidutumá kumenya ukuri ku nkómōko y'ábakani ariko gusa ni ukó bōse bēméza kó umwūga w'ingoma băwurazwe na NTÁRE RUSHATSI umwāmi wāmbere kāndi bāje báva ahāndi bamwé bakavuga kó bāje báva kū NKÎKO abăndi ngo bāje báva mu KIBŬMBU. Murí izo nkurú BARĀNYANZIRIYE Henri yatânze harimwó ibīntu bikoméye vyēméza Abakani b'i Kidásha mu RWĒSERO.Ubwāmbere umwāmi yaráhacîye kāndi yaráhamáze imīnsi. RWĒSERO yahágize umurwa mukurú w'ingoma, yábasize ikigabiro cērékana kó ari ikibānza cūbáshwe yōngera arūngikayó ingabé (impfīzi y'înká) mw'īshusho y'ikirīmba c'úmwāmi yōngera arōngora GASÁRO mushíki wa MIKANÍ. Ivyo vyōse vyērekana inkomezi z'ūwo muryāngo. Muvyó BARĀNYANZIRIYE Henri[10] yīgâna vyērékeye inkómōko y'ikigabiro cāmbere, tubona kó ibīntu vyīnshi ari vyo kukó bagumá bágarukamwó amazina mēnshi y'íbibānza bihāmbâye murí kāhise k' úburūndi na cāne câne nk'ívyībare vy'ingoma (RWĒSERO, MAGĂMBA, ...) hamwé n'inzira yagizwe n'úmwāmi atūmbēra i MURĀMVYA ku murwa mukurú w'ábāmi hamwé n'ámazina y'ábatwāre bări bákomeye. Ariko harimwó n'ibīndi bitēyé amakēnga nk'ábasoda bafisé inkōho murí ico gihe n'íbīndi bishobóra kubá arí ivyó kunuza inkurú cānké guhayagiza umwāmi birēnzé urugero ariko nūvyōtubuza kó twēméra iyo nkómōko y'īco kigabiro cāmbere hamwé n'íbibíhūza n'íkirīmba c'úmwāmi. Murí iyo nkurú MAGURU sé wa MÍKANÍ aseruka nk'úmusêkúruza w'ígisígabwênge yari afisé ubushóbozi burimwo ubukonikoni, imbûri y'ámahoro, umukizá w'ÁBarūndi incūngu y'úmwāmi. Yári na sēbukwé w'úmwāmi NTÁRE RUSHATSI CĀMBARANTĀMA.

**b) Mu kôgabāmi**

Ni umwônga ufisé isôko mu musózi Rwēsero ugatēmba ujá mu Gihámagará murí Komīne ITĀBA. Murí uwo mwônga hariyó ibíti vy'úmurīnzi ibiti bisigáye haké mu gihúgu c'Úburūndi, imishônge n'íbīndi vyātsi bitōtáhaye. Ico kibānza cūbahwa kukó bavuga kó ari bo Umwāmi wā mbere w'úburūndi NTÁRE RUSHATSI CĀMBARANTĀMA yīyoze avûye i Buha nk'úkó Audace NSHĪMIRIMÂNA[11] abivugá.

[10] Henri BARĀNYANZIRIYE, umutângankurú, Rwēsero, kuwa 03/8/2014

[11] Audace NSHIMIRIMANA, umutángankurú, Rwēsero, kuwa 03/8/2014

**c) Mu Rwēsero**

Rwēsero ni umusózi ukirúrutse uryāmyé hējuru y'úducīmbiri tubiri Kidásha na Kajēnda. Hītwamu Rwēsero kukó ari ho Umwāmi NTÁRE RUSHATSI yīnyegeje avûye i Buha abânsi bárikó baramúkurikirana.Bācīye báhīta mu Rwēsero kukó hābāye impāri hagati y'Ábaha n'ábāba muri ico kibānza bamwé ngo muduhe abāndi ngo ntawe tubahá, bati vuga inká mukenéye kugíra mumudúhe, abāndi ngo ntānakimwe dukenéye.Rwēsero rēró rivūye mu rivúga kwēsa kuko bāhāririye kuvyó bōtāngá birânka.Ariko Abatângankurú b'āho mu Rwēsero bavuga kó batāzi ubwā mbere ukūndi hītwa.

**d) Ibuye ryā Nakinyukura**

Iryo buye riri kurí uwo musózi wa Rwēsero rikaba riri hējuru y'âkôgabāmi. Kubêra ko Abaha vyāri vyânse kó būmvîkana n'ingabo zā NTÁRE, bācīye báshāmiranira baca barahângana ngo barwāné.Báshitse hākurya yó mu kôgabāmi, Abaha n'ingabo zā NTÁRE bácīye bátāna mu mítwé bararwāna hānyuma Abaha barahāhonera aho kurí iryo buye baca bahīta ku Nakinyukura. Nakinyukura rēró rivūye mu rivúga kunyuka kukó ingabo zā NTÁRE zānyukuriyehó abo bānsi b'úmwāmi.Bavuga kó abo bāhapfīriye batāhāmbwe, bārīwe n' ibikôkó bītá imfyisí.

Umutângankurú Audace NSHĪMÍRIMÂNA[12] arêmeza kó iryo buye bāriterekererakó n'ūbu habonéka imisēzero y' úbwātsi bw' īshîngé nk'ūkó na twe twāvyīboneye. Yahóra ahábona unkóno irimwo inzogá y' împéke, amacupá arimwo inzogá z'împéke, amafarānga cānecâne inōti zā mirōngo itānu n'īzíjana, inkokó nk' ínsāke yērá, ibitāmbara vy' impūzu bītá ikigoma,...

Arêmeza kó yahátôye mu mwâka w' íbihūmbi bibiri na cúmi amafarânga amajana atatu ayagura imisígāti arayírya kāndi gushika ubu arêmeza kó ata co arābá.

Avuga kó ivyo bahāzana bavyīta kugemurira abavyêyi bábitumwe n' ábapfumú bāmyé kuriragurizakó.Hakūnda kūza nk' ábagoré batāvyāra kugíra barōnké amahîrwé yó kuvyâra cānké abakōbwa batarârōnka abagabo bakaza báherekejwe n'úmūntu yātiwe mw'Ībānga ryó kubāndwa.

---

[12]Audace NSHIMIRIMANA, umutângankurú, Rwēsero, kuwa 03/8/2014

NYĀNDWI David[13] avuga kó uwushitse kuri iryo buye ryā NAKINYUKURA inzogá asānzého abāje gushikana bāsizehó yacá azīhēreza akazinywa akaryôherwa akaborerwa kāndi ntanakimwe yabá gusa ngo cāzira kugênda urîbaraguza ivyó wahakūye. N'ámaherá bārayahánoba bakaja kuyagura ivyó bashākā kāndi ntānakimwe bāba.

**e) Mu Kizíga**

Ni isôko ryīsúka mu mwônga wa Nyamuswāga. Rigabura umutūmba wa Rwēsero na Ntītá. Bāhūbaha kukó hīgeze kunyikira impfīzi y' ūmutwāre yōbá yītwa RUGEMA igênda amazimáyōngo arí na có gitūma hītwá mu Kizíga. Aho hāntu ntibanahárima kiretse kó bahakūra ibūmba bafyātúramwó amatáfāri.

**f) Mw'ī Hêro**

Hatūmbereye mw'ītêraniro ry'ūmwônga Kanyōmvyi na Nyamuswāga. Aho mw'ī Hêro hariyó ikigabiro kinini kigizwé n'íbiti bibiri binini kimwé c'úmumândá ikīndi c'úmuhoróro.

Audace NSHĪMÍRIMÂNA[14] avuga kó bahatínya kubêra hōbá háriyó isáto Abakaní bāsēndeyeyó akavuga kó abāntu bakûndá kuhákāngirwa agatānga akarorero kuri mukúru wé NIZIGIYIMÂNA Tharcisse kó yigeze kuhákāngirwa akiri umwāna. Iyo sáto yītwa GASÁRO yītirirwa mushiki wa MĪKANÍ nawé akaba yári umwāmikazi wa NTÁRE RUSHATSI.

Aho mw'ī Hêro ry'Ábakaní b'i Kidásha mu Rwēsero hāri hákomeye eka mberé gushika n'ūbu nk'ūkó NTAHOMVŪKÍYE Dominique[15]abivugá: aho hāntu harakomeye. Iyó ku gití c'úmumândá ishámi ryītibuye haba hîmirije gupfá Umukani, hátibutse ritôyá haba hîmirije gupfá umwâna w'úmukani. Iyó arí rinini na hó ryītibuye haba hîmirije gupfá umūntu akuzé mu Bakani agatānga akarorero kuri BĪBAZA na MĪZĀGE bāpfiriye rimwé igihe hīkóroye amashámi abiri kuri ico gití. Ngo abâna kubêra bapfā bákiri bató ntāmazina yābo yibúkwa. Ivyo birêmezwa kāndi na BARÂNYANZIRIYE Henri. Aho mw'ī Hêro si ikibânza cōróshe ku Bakaní gushika uyu mūsi.

Ingoma zōse zivūye gukanwa bātegerezwa kuzicāna kuri ico kigabiro bakakízūnguruka incúro nyînshi bárikó barazivuza. Iyó bariko barahávugiriza ingoma isáto iterékēreweyó yītirirwa GASÁRO ngo yarāryōherwa gushika ahó na yó nyéne ijá hējuru ikavúna ihūnja itāmba.

[13]David NYĀNDWI, umutānganku rú, Rwēsero, kuwa 03/8/2014
[14]Audace NSHIMIRIMANA, umutānganku rú, Rwēsero, kuwa 03/8/2014
[15]Dominique NTAHOMVŪKÍYE, umutānganku rú, Rwēsero, kuwa 03/8/2014

Ariko BARĀNYANZIRIYE Henri[16] aca avúga ngoni ibisânzwe ngo kukó n'îyó ujānyé irādiyo mw'Ishāmba ukīgīra ahāntu ugárutse usānga inzóka zâyikîkūje zâryôhewe zûmviriza umuzikí.

Ico kigabiro kirí mw'ī Hêro arí ho bātegerezwa kubânza gucá gusēzera bágōmba gushēngera i Bwāmi, bakabāndirwayó, bagatérekēra isáto GASÁRO ngo kugira barōnké imigisha.

Aho mw'ī Hêro ntā mūntu wūndi yīyadukiza cânké ngo yīyádukize n'übu ngo ajeyó arí wênyené atári kumwé n'úmukaní. NTAHOMVŪKĪYE Dominique[17] avuga kó uwīyadukije akajayó ashobóra gukāngwa, gufurūtira akāma ibihere umubíri wōse cānké akanameneka umutwé. Ivyo bití bigizé ico kigabiro kiri mw'ī Hêro ubíhagaze impānde urabóna ahāntu bajemágura bákūrakó ibishíshwa.Arōngera akavuga kó abá arí umuti abāntu babá bâje gutwâra uvūrá isáto igihe bībájije kó bāyikabúriye iwé.Avuga kó kūza gukûrakó ivyo bishishwa babānzá guhámura ahāndihó bōca bágira ingórane.

Uwo mutânganku ntashīmá kuvúga ingéne bahamúra n'îngéne baterékēra isáto akavuga ko batīnyá kó bōcá bája kubárega iyó basēngéra bagaca bábaca impōngano. Ngo ikīndi batīnyá ni ukó abāntu bacá bábīta abarozi kāndi bôbó báterekēra isáto kūmvo nzīzá, kugira birōnkere imigisha. Yōngera kuvúga kó atā kamaro kó kubwîra abāndi ingéne baterékēra isáto ngo kukó uwó abibwīye ngo ntavyo nawé ahezá ngo acé ajá kugira.NTAHOMVŪKĪYE Dominique[18] arêmeza kó n'übu aho muri ico kigabiro Abakaní bajá kugirirayó imigirwá gusa babikora bînyegeje akītangako akarorero kó mw'ījoro cānké mu bucâgucâgu asīmbirayó gukórerayó imigirwá imwîmwé. Avuga kó agîyeyo abá agîye gusaba. Avuga ati: mw'ī Hêro ni abāntu hó gushikanira hānyuma nāwe ukarōnka ariko nturōnká ubwo nyéne. Arasubira ati : Mw'ī Hêro ni nkó mw'īsēngero. Mw'īsēngero uragēnda ugasēnga, ugasaba Imâna, ugatânga ishikánwa hānyuma ukîtāhira mū nyuma ukīshurwa ukarōnka imigisha n'ītûnga. Kubwā NTAHOMVŪKĪYE Dominique, mw'ī Hêro ni ahāntu hó gutângira ukōngera ukaharōnkera.

Aho muri ico kigabiro kirí mw'ī Hêro aheraheza avúga kó hari Abakani rurāngiranwa bāri bájējwe gutérekēra isáto GASÁRO arí bo bītá abahezaagatānga akarorero kuri MIKANÍ, MIZĀGE, GISWĀGA, BARAGUMA, MBAHĀGA, KANYURÁNE.

[16] Henri BARĀNYANZIRIYE, umutânganku, Rwēsero, kuwa 03/8/2014

[17] Dominique NTAHOMVŪKĪYE, umutânganku, Rwēsero, kuwa 03/8/2014

[18] Dominique NTAHOMVŪKĪYE, umutângan kurú, Rwēsero, kuwa 03/8/2014

**g) Mu Kamirabare**

Ni izina ry'ûmwônga băhămvyemwó MIKANÍ. MIKANÍ igihe apfá bămuhămvye ku mutŭmba wa Rwēsero mu rugó iwé búkēye mu gatôndo bagasānga yāzūtse yavūye mw'īvú aryâmye asînziriye impănde y'úruhafū. Yazûtse incúro zitatu zōse. Vyābatēye ubwôba kēra hācīye hâza umupfumú avūyé mu buseruko bw'igihúgu bakavuga ko yajé avá i BUHA.

Uwo mupfumú yacīye abábwîra kó bátamuhāmvye mu mwônga azôgúma azûka. Băcīye bámuhămba muri uwo mwônga hānyuma ntíyasubira kuzūka Abāntu băcīye báhatūnya ntā n'ūmwe yahûbahuka n'úmusóre yabírēnzekó n go agîye kwīmbayó ibŭmba ryó gutyātura amatáfāri yacīye afúrūtira umubiri wōse yāma amahere aca arapfá ubwo nyéne. MIKANĪ yari umūntu adasānzwé kubóna azûka gatatu atárābora. Umutângankurú BARĂNYANZIRIYE Henri[19] avuga kó atāzi ingéne uwo mwônga wĭtwa imbere y'ûkó bahahămba MIKANÍ.

**1.9. Kidásha mu Rwēsero mu migirwá ijānyé n'úbuzima bw'Ábarūndi**

**1.9.1. Ukubāndwa**

Aho hămbere hahisé imbere y'úmūzo w'Ábazūngu, umugirwá wó kubāndwa wari mu bigize abuzima bw'ÁBarūndi bōse kukó mu kubāndwani hó băsabira Imâna rugira vyōse bácīye kuri KIRĂNGA. Nk'ábăndi Barūndi bōse, uwo mugirwá wó kubāndwa Abakani b'i Kidásha mu Rwēsero bărawurângura.

Uwo mugirwá bwări uburyó bwó gusaba Imâna ivyó bīpfûza ari ukurămba, ukuvyâra, gusaba inká n'imirimá n'ibīndi vyîzá vyīnshi bakōngera bagashīma ku vyó Imâna yabáhāye bábicīshije kuri KIRĂNGA. NTAHOMVŪKÍYE Dominique[20] yabânzwe avuga ati: «Kubāndwa kwări ugusēnga Imâna. N'ámahása avûtse bărayavyina bakabāndwa. »

I Kidásha mu Rwēsero ntā mūntu atābāndwa imbere y'úmūzo w'ábazūngu Uwarámuka agômvye kugira urwo rubănza yarátumira abāntu, akarōndera amayogá, agahéza agatumakó KIRĂNGA akāza akavumēra.Yarátegūra kăndi imfūngurwa ziryōshé nk'úbwīshaza, amateke y'īkirūndi, agacūmba n'úmutsíma w'úburó kukó ntâ mutsíma w'ámasaka KIRĂNGA yaryá.Izo mfūngurwa băzirūngīsha amavúta y'înká akuzé.KIRĂNGA băba băgiteze ikirago gishăsha kikīcarakó iruhănde ya yâ ntăngo y'împéke bakāzana zâ ndyá zirūnzé.Ahâze yacá asába icúmu ryîwé n'întébe yîwé yabâjwe mu giti c'úmuramá.

[19] Henri BARĂNYANZIRIYE, umutângankurú, Rwēsero, kuwa 03/8/2014
[20] Dominique NTAHOMVŪKÍYE, umutângankurú, Rwēsero, kuwa 03/8/2014

Yarîcara ryâ cúmu akarishīnga hagatí y'ámaguru uwǔndi na wé agapfúkamá imbere yîwé akamúkomera amashí.KIRĀNGA yarávumēra wâ wūndí na wé akavuga ivyó yīpfûza.

NTAHOMVŪKİYE Dominique[21] aravúga kăndi kó ku műsi wó kubāndwa kó KIRĀNGA atâmbara nk'ábǎndi basānzwé. KIRĀNGA yabá yǎmbaye inkōfēro bǐta intutú akaba afise n'îcúmu ry'îcûma n'înyágará mū ntoke.Nătwe twăba twâmbaye impǔzu z'ibití tukîraba ingwá y'úbwêre mu ruhǎnga bikītwa kwîraba ingōndo.Ahó twǎhūrira kwāmbariza hǐtwa mu gitabo kukó hǎba hátavye nêzá kǎndi hásēzeye nêzá cāne.Umwâna vyâshika akavūkira mu gitabo bárikó barabāndwa băca bámwīta MATABO.Uwuriko arasaba KIRĀNGA yarásaba hānyuma nawé agahéza akavumēra.NTAHOMVŪKİYE arībuka ivyó bǎvuga mu gusaba avuga ati :

*« Uwusába: Gānza mvyěyi nzima*

*Gānza mvyěyi nzima*

*Gānza Kirânga kirí umwêru!*

*Kirānga: Huuuuuuh (kikavumēra)*

*Uwusába: Urāmpa inká n'íbibōndo*

*Urānkomereza umuryāngo*

*Nzôrimé nīmbúre*

*Kirānga giti: Nzōbiguha ní je ndabigabá vyöse*

*Nzōguha ibǐngana ubwǒya bw'înká*

*Gēnda amahóro*

*Imâna ikujé imbere*

*Ivyo vyöse ugīye kubirōsnka »*

NTAHOMVŪKİYE [22] aca avúga kó inyágara zǎca zívuga, bakanywá amayogá, bakaryá bagahāga bagakerega bîravye ingōndo. Umukēnke wa Kirānga ntāwawúsomēsha atári uwabânzwe kǎndi yabúnyōye murí iryo bānga. Uwo mukēnke wa Kirānga wǐtwa ***umusugí*** n'îcúmu ryîwé ry'îcûma ryǐtwa uko nyéne.

Akarorero k 'uruvyíno rwó kubāndwa:

*Kǎrikěra kǎrikěra wānje*

*Mbāndwé*

*Mbāndwé kǎri kěra wānje*

[21]Dominique NTAHOMVŪKİYE, umutânganku, Rwēsero, kuwa 03/8/2014

[22]Dominique NTAHOMVŪKİYE, umutângankurú, Rwēsero, kuwa 03/8/2014

*Mbāndwé*

*Ndacúna sínabāndiwe amateke*

*Mbāndwé*

*Jēwé nabāndiwe ibānga*

*Mbāndwé*

*Kārikēra kārikēra wānje*

*Mbāndwé kārikēra wānje*

*Mbāndwé!*

Kuvyó kubāndwa NTAHOKAJA Jean Baptiste[23] arōngera akavúga ati : « Eka n'īyó hāvūtsé amahása bārayavyina bakayakobora Kirānga akavumēra. Si ivyo gusa iyó umūntu adwāyé agahīndurira, inká zikîma ntizífate cānké zigapfīsha cānké zikarāmburura bārarôndera amayogá bagatúmakó Kirānga akajāna uwo mūntu mu gitabo akamusukakó imiti irí mu gikēnga ku mutwé, mu gikiriza, mu bitúgu, ku bigānza no mu birēnge, ku mavi, mu nkókorá, eka umubiri wōse azá aravúga ati : « Horoha buca uvá hāsí. Muri ico gihe ariko aramutota bakavyina. Inká na zó bāzicāguramwó inká ikamwá y'isugí ni ukuvúga itarâpfīsha narimwe bakayikama bakayihereza igihwèbá kikanywá gihagaze kuri nyené urugó. Kirānga na wé akāzana imirīnzi n'imirimândá akayihánaguza ahejéje agahanagura zōse azá arazitota imihórosho avúga ngo *horoha rwîra*. Ahéjeje akaja mu kadâro kā rugabo ariko bīta akanyabugoro gasēzéwemwó ishîngé cânké uruyānge akavyâgira akavumēra. Kirānga bārashóbora no kumútumakó ngo abazitirire ibizôbá bibí ».

### 1.9.2. Ugutérekēra isáto

Aho i kidásha mu Rwēsero Abakaní bâho bāmye bāterekēra isáto kukó isáto arí igiterékērwa cāmá kijāna n'ingoma tukaba tūzi kó Abakaní bāmye ndetsé gushika n'ūbu barāngwá n'úmwūga w'ingoma.Gutérekēra isáto kwâbo kurūmvīkana kukó bifitániye isâno n'ūwo mwūga wâbo

NDORICIMPA et Guillet (Cl)[24] mu gitabú bānditse, *Les Ritualistes tambourinaires* baravúga bati : *« ntushobóra kuvúga ingoma udásizemwó ivyó ukwēmera Imâna n'ibīndi binyegézwa Uburūndi bwāri búshīngiyekó imbere y'úmūzo w'ábazūngu».*

[23] NTAHOKAJA (J. B ), *Imigenzo y'ikirundi*, Bujumbura-Paris, UB, 1978, P117

[24] NDORICIMPA « L.» et GULLET (Cl.), p1

NTAHOMVŪKÍYE Dominique[25] arêmeza nêzá kó Abakani b'i Kidásha mu Rwēsero baterékēra isáto kugíra barōnké imigisha hamwé n'íngoma zâbo. Arêmeza kó n'ŭbu bayiterékēra aríko ntashīmá kuvúga ingéne babikorá ngo kukó uwó abibwĭye ntābá ashâka kujá kubíkoraashítse iwé. Arōngera akavuga kó batīnyá kó ahó basēngéra bōbacá impōngano abăndi na bó bagaca bábīta abarozi arí na có gitúma mu kujá kuyíterekēra basōbôka mw'ījoro cânké mu bucâgucâgu. Avuga kó ikĭndi gitumá bagumya ibānga ngo bānka kó abāntu babāndânya kubátīnya kukó Umukani biramugōra cāne kurōnka umugeni kubêra abāntu bavugá kó ugîye kurōngorwa n'Úmukaní imbere y'ûkó umugabo akwăbīra arí isáto yâbo batūnzé itāngúra kukwābīra.

**Incâmaké**

Iki kigabáne duhejéje gushikiriza cāri cêrekeye akarêré k'ítōhōza. Twăsānze arí akarêré kări gákomeye kū ntwâro ya cămi ndetsé gushika n'ŭbu dúfatiye ku bibănza vyĭnshi vyŭbahwa ndetsé vyūbáhwa gushika n'ŭbu hamwé n'ímigirwá ikiharăngūrirwa.

[25] Dominique NTAHOMVŪKÍYE, umutângankurú, Rwēsero, kuwa 03/8/2014

## IKIGABÁNE CĀ KÁBIRI: AMÂMŪKO Y'ÁBAKANÍ

### Intângamárārá

Muri rusāngi ntā muryāngo uburá amâmuko n'âhó bisbiká ugasānga umuryāngo kānāká urâzi kó wīmutse uvá ahăndi ariko ugasānga hageze igihe abasígaye báwugize ntibībúka iyó bāsēkúruza băje báva bívānye n'ikirīngo kinini bahamazé.

### 2.1. Amâmūko y'Ábakaní

Uwo muryāngo bamwé bavuga kó wămye ng'ăho i Kidásha mu Rwēsero kuva kĕra nkó ku mwămi NTÁRE RUSHATSI kó uwahátānguye kuhagerēra ubwāmbere arí MIKANÍ arí na có gitúma babīta ABAKANÍ. Ntibīgeze báhīndura izina. Ivyo bivugwa na Emmanuel BĀNKURUNÁZE[26]. Ariko dúsomye mu gitabo cănditswe na NININAHAZWE Godelive[27], umutângankurú CŪBWÁ yavúga kó imbere y'úmūzo w'úmwămi NTÁRE RUSHATSI MIKANÍ kó atări Umukani ahūbwo yari Umushûbi kăndi yōbá yáje avá kū NKÎKO cānkė mu KIBŪMBU azánanye n'úmwămi NTÁRE RUSHATSI. Avuga kó yabâye Umukaní inyuma yâhó umwămi NTÁRE RUSHATSI ahashikíye akamuha ibānga ryó gukana, kubâza nó kuvúza ingoma hamwé no kuzijāna ku muganuro. GISWĀGA wêwé avuga kó MIKANÍ yămye arí Umukaní.

NTAHOMBAYE Philippe[28] avuga kó amazína amwâmwé y'imiryāngo ajānyé n'úmwūga wâbo nk'ákarorero umuryāngo w'Ábacúzi bawīta uko kubêra bafisé umwūga wó gucúra nk'ûkó tubikūra mu gitabo cîwé : *des noms et des hommes.*

Bamwé bavuga kó umūntu arí Umukani kubêra akaná ingoma abăndi na bó bakavuga kó umūntu abá Umukaní kubêra yāmûka kuri MIKANÍ.

Twîhwēje nêzá inkurú zātānzwe twōkwībaza: kubêra ikí batūtwá **abakanyi** izina rivūyé mu rivúga gukana bakabīta **Abakaní**? Kubêra ikí abăndi bakaná ingoma aríko ntibábīte Abakani nk'ákarorero abó mu bigabiro vyā HIGIRO, MAGĂMBA, GISHŌRA, ...

Twîsūnze ivyo duca túbona kó iryo zína ry'Ábakaní ritāvūye ku mwūga wó gukana ingoma ahūbwo ryāvūye kurí sĕkuruza wâbo MIKANÍ.

---

[26] Emmanuel BĀNKURUNÁZE, umutângankurú, Rwēsero, kuwa 03/8/2014

[27] NININAHAZWE (G.) : *La vie des ritualistes attachés au culte des tambours. Le cas des Bakani de Rwesero-Kidasha (Fin 19è à nos jours),* Mémoire UB, Bujumbura, FLSH /Département de Langues et Litteraratures Africaines 1992 « La singification et l'origine du mot Umukani ne sont pas bien précises ». p26

[28] NTAHOMBAYE (Ph.), *Des Noms et des Hommes : Aspects Psychologiques et sociologiques du nom au Burundi*, Paris, Khartala, 1983, p 54

« Le nom est lié aux activités professionnelles »

### 2.2. Icĭvugo c'Ábakaní n'ínsígūro yâco

### 2.2.1. Icĭvugo

NYĀNDWI Césaire[29] avuga kó icĭvugo câbo arí : «Abakani bakēra mū nda» Iki cîvugo Abakaní twāgāniriye baragíbūrizakó.

### 2.2.2. Insígūro y'ĭco cîvugo

NYĀNDWI Césaire[30] asigūra ico cívugo avúga kó kubêra umwūga wâbo wó gukana, kuvúza no gutâmba ingoma, Abakani ntibīgéra bágira inda nini ngo n'āhó baryá bagahāga ukŭngana gúte uguma ubóna umênga barashōnje. Bisigūra kó bāmá bánonotse kubêra uwo mwūga wâbo.

### 2.3. Ahăndi Abakaní batūyé

NJWĪRA Godefroid[31] avuga kó Abakaní ahăndi tubasănga arí mū Ntârá ya Rúyigi murí komīne Nyabitsīnda.Băgīyeyó bîmutse báva i Kidásha mu Rwēsero hări nkó muri 1985.Bavuga kó bīmukiyeyó bákurikirana amatōngo yāgútse kăndi amerá. Uwagîye abárōngōye ni KABŪRA Xavier. Yatânguye agênda amárayó imīnsi nk'úwugîye kuróbera akaza araganuka hānyuma aca afata ingīngo yó kwīmukirayó burūndú aca agēnda ajânye n'ábăndi.Avuga kó băshitse bátērayó ikigabiro kibarănga.

Hari n'ábăndi băhora arí Abakani ariko kubêra amatăti yabâye hagatí yâbo băcīye báshīma kwīmuka bōngera bagēnda báhīnduye izína ry'úmuryāngo ubu bakaba bĭtwa Abasănzu.Bĭmukiye ahó bītá i Bugŭmbasha ubu hasigaye hĭtwa i Busănzu kubêra hīgânziwe n'ábasănzu.

NTAHOMVŪKÍYE Dominique[32] arīgāna ingéne vyăgēnze ati : hări ku Mwămi MWÊZI, umūsi umwé Abakaní băbāze inká. Hágeze kugabura inyama haca haba umugwi w'Ábakaní bakêyá urōngôwe na RYĬMĂNGU n'úwŭndi mugwi w'Ábakaní bĕnshi urongôwe na RWĀMA. RYĬMĂNGU aca ashāka kó iyo nká bayicamwó kabiri kumwé abîwé ikĭndi abó kwā RWĀMA. RWĀMA n'âbîwé baca barâuka baca bavuga kó kubêra ari bĕnshi bōtwārá umuhănde n'ígikenyé c'úkuguru RYĬMĂNGU na wé n'âbîwé barânka. Haca hāduka impări zikoméye.RYĬMĂNGU aca atōra igití c'úmusângé arashīngagira ngo kigabúre bēne RYĬMĂNGU na bêne RWĀMA.

[29]Césaire NYĀNDWI, umutângankurú, Rwēsero, kuwa 03/8/2014
[30] Césaire NYĀNDWI, umutângankurú, Rwēsero, kuwa 03/8/2014
[31]Godefroid NJWĪRA, umutângankurú, Rwēsero, kuwa 03/8/2014
[32]Dominique NTAHOMVŪKÍYE, umu tângankurú, Rwēsero, kuwa 03/8/2014

Baca barâduka bararwāna. Intāmbara ihéze RYÍMĂNGU yacîye yâduka ngo mberé ubu ntitukiri Abakani ubu turi **Abasănzu** kăndi nó kwĭmuka turîmutse ntituzôgáruka. Baca baragēnda bīmukira i Bugŭmbasha bashika bîtwa Abasănzu gushika n'ŭbu aho hāntu ubu hītwa i Busănzu kăndi băcīye báshika bátērayó ikigabiro câbo.


Gushika ubu bībēra aho i Busănzu kăndi Abakani b'i Kidásha mu Rwēsero barabêmera kó ari bĕnewâbo. N'âhó bĭmutse bagahīndura n'îzína ry'úmuryāngo, umwūga bărazwe na sêkuruza MIKANÍ barawubāndānya. Batānga akarorero ku mugwîzatûnga yītwá NDIKŪMÂNA Costantin ari muri uwo mugwi wĭyonkōye ku Bakani aríko yahêmūtse ashînze umugwi w'ábavúzi b'íngoma gushika ubu ukoméye kăndi Abakani b'i Kidásha mu Rwēsero baragēnda kubáfasha kuvúza ingoma.

Twĭhwēje ayo matāti yabâye abāntu bakagwāna hānyuma bagaca bîyomora bagatakó bagahīndura n'îzína ry'úmuryāngo atâ butŭngane burīnzé kubákurikirana duca túbona kó i Kidásha mu Rwēsero arí ahāntu batategerezwa kubêra intāmbara.

Uwo muryāngo Abakani bōse barêmeza kó atā mashámi ufisé.


**2.4. Ibití ndôndamvyâro vyā bā sêkúruza**

**2.4.1. Igití ndôndamvyâro cā BIHANIBABA**




Yari umuhŭngu wa Míkani akaba kăndi yári n'úmuhéza.Yarí umutīmbo akoméye kăndi ku mŭnsi mukuru w'úmuganuro yăma ajâna ingoma zibiri ku kirŭmba i bwămi. N'ínyuma y'úrupfú rwîwé abahŭngu bîwé băgumye bájāna ukó umuganuro ugezé ingoma zibiri gushika umuganuro uhagárikwe n'ábazŭngu.

### 2.4.2. Igiti ndôndamvyâro cà BARAGUMA




BARAGUMA yarí umutīmbo aríko wêwé ngo yarí igităngāza ngo yarábicá bigacîka mukuvúza no mu kwĭyereka ingoma. NTAHOMVŪKÍYE Dominique[33] avuga kó hări ikigânīro c'íngoma căca ku nsâmirizi nkurú y'úburŭndi cĭtwa **akăyāzwe** ico na có ngo căma gítăngurwa n'úmurisho w'íngoma wa BARAGUMA arí na có gitúma umugwi w'ábatīmbo b'i Kidásha mu Rwēsero băcīye báwutōrera izina **akăyāzwe** rivūye kurí uwo mutīmbo rurăngiranwa BARAGUMA.

### 2.4.3. Igití ndôndamvyâro cā NGŌNA




Na wé nyéne yarí akómeye mu batīmbo.Yaráshēngera i bwămi ku muganuro. BĀNKURUNÁZE Emmanuel[34] avuga kó NGŌNA yatângaje abāntu ashêngurutse ku muganuro wo murí 1957 ahó yajé azányе uwŭndi mugoré akūyé ku kirĭmba uwo na wé akaba yári incoréke.Ngo iyo ncoréke yĭtwa MARĪYA aríko ahó ngo yarâtândukāniye n'úmugoré wŭndi wa NGŌNA ngo ni ukó iyó NGŌNA agīyé gutāhira uwŭndi mugoré MARĪYA băjâna ahéjeje bakagarukana.Eka ngo ntibĭgera bávāna.

### 2.4.4. Igití ndôndamvyâro cā BIRAGŌRA




Yari umutīmbo akoméye kăndi na wé nyéne yaráshēngera i bwămi ku mŭnsi mukurú w'úmuganuro. Yari umuhéza.

Murí rusăngi ivyo bití ndôndamvyâro birêrekana kó sĕkuruza w'Ábakani arí MIKANÍ n'âhó usāngá bĕnshi bádashobóra kwĭdōndōra gushika kurí bā sêkúruza bâbo ivyo na vyo bikaba bíri murí zâ nkúrikizi twăvuga z'ĭngéne imiryāngo itacĭtāwehó.

---

[33]Dominique NTAHOMVŪKÍYE, umutânganku̇rú, Rwēsero, kuwa 03/8/2014

[34] Emmanuel BĀNKURUNÁZE, umutânganku̇rú, Rwēsero, kuwa 03/8/2014

Umūntu yîsūnze amakurú yakûye mu matōhōza Abakaníbarêmeza kó MIKANÍ yarí yávyāye abahŭngu bané aríko birabagōra kubátōndānuza kukó mu basígaye ubu uwukúze murí bo ni umutāma BARĀNYANZIRIYE Henri afisé imyâka 84.Wîhwēje abó bībúka bĕnshi bahūrízakó ni BIHANIBABA na BIRAGORA abăndi na bó baza barītiranya abŭzukuru n'ábahŭngu bā MIKANÍ aríko igikurú ni ukó bēméza kó yarí afíse abahŭngu bané.Kubêra hari Abakaní bĭmukiye ahăndi abasígaye i Kidásha ntibamenyá abâna bâbo.

**2.5. Imiryāngo yĭndi ihatŭye**

Abakaní b'í Kidásha mu Rwēsero bahāna urubíbe n'ímiryāngo icēndá.

Ku gacīmbiri Kidásha bahāna urubíbe n'Ábarāmba, Abarima, Abahoro, Abavumú, Abajîji, Abasīne.

Ku gacīmbiri Kajēnda bahāna urubíbe n'Ábashûbi, Abasĭndi hamwé n'Ábahânza.

Iyo miryāngo yöse yajé yôga ku Bakaní kukó arí bo bătānguye kuhagerēra ubwāmbere nk'ûkó twābibōnye. Bamwé băje arí abakwé b'Ábakaní tugatānga akarorero ku Barāmba, abăndi na bo băje básaba amatōngo Abakaní hānyuma na bó baraheza barabagerēra kukó bări báfise amatōngo yāgútse kăndi amerá.

Iyo miryāngo twăcīye túyica hĭrya no hĭno mukubáza umusêkúruza wâbo mukurú, iyó băje báva, igihe băhashikiye n'ígitúma bĭmutse, icĭvugo c'úmuryāngo kubagífise n'însígūro yâco. Ubwānyuma twăcīye túgira ibitíndôndamvyârovyâbo hamwé n'ínkurú kurí ivyo bití ndôndamvyâro.


Murí iyo miryāngo, harimwó abāntu batarí baké bamazé kwĭmukira mu ntârá y'úkumosó bákurikirana amatōngo yāgútse kăndi amerá kukó bamazé kugwīrirana. Ni có gitúma harí ahó twăkorēsheje ibihárūro kukó usāngá abasígaye i Kidásha bádasoborá kumenya amazína y'âbâna yöse bā bênewâbo hahezé igihe bārīmutse aríko bagashobora kugereranya abâna kānākā afisé bárăvye imyâka afisé ndetsé n'ŭbu baranáramukanya. Ivyo bivugwa na NĀHÍMÂNA Vénérand[35] umuhoro. Ikĭndi cātumye dúkorēsha ibihárūro ku bití ndôndamvyâro ni ukó ushobóra gusânga umuryāngo wáragwîriye cāne ufíse abāntu bĕnshi tugaca túbura ubuhĭnga bwó kubákwīza ku rukárătasi.

---

[35] Vénérand NAHIMANA, umutângankurú, Rwēsero, kuwa 03/8/2014

### 2.5.1. Ibití ndôndamvyâro vyâbo n'ínkurú kurí ivyo bití


**1) Abarima**




NZIGIRABÁRYA Etienne[36] Umurima w'îmyâka 52 avuga kó uwo muryāngo wâbo atāzi iyó bāje báva ngo sékuruza wâbo RURAKĒNGEREZA babānā ubwā mbere.

[36]Etienne NZIGIRABARYA, umutângankurú, Rwēsero, kuwa 03/8/2014


**2) Abahoro**




NĀHÍMÂNA Vénérand[37] na MASHWĨGIRI Jean[38] bavuga kó sĕkuruza wâbo mukurú yatânguye kuhagerēra arí KANYURÁNE Mathieu akaba yîmutse ava i KIYĂNGE amajá mu MARĀMVYA ni muri komíne MAKÉBUKO.Ngo ntibībúka igihe yaháshikiye ngo hări kĕra kukó bôbó băvūkiye aho i Kidásha mu Rwēsero.Ngo yajé akúrikira amatōngo yāgútse kăndi amerá.

[37]Vénérand NAHIMANA, umutânganlkurú, Rwēsero, kuwa 03/8/2014
[38] Jean MASHWIGIRI umutânganlkurú, Rwēsero, kuwa 03/8/2014

3) **Abashûbi**





NTAVYO Marc[39] avuga kó uwo muryãngo utãmye ng'âho nyene. MINYURANO na murumunawe SIMBAGOYE ni bo batanguye kuza ng'aho wĩmutse uvá ahãndi aríko atĩbúka iyó bãje báva kubêra bahamazé igihe kinini. Uwahágerêreye ubwã mbere ni KABIBI.

---

[39]Marc NTAVYO, umutãngankurú, Rwẽsero, kuwa 03/8/2014

**4) Abasĭndi**





MINYURANO Justin[40] avuga kó atăvūkiye ng'ăho yavûkiye i Bugŭmbasha murí Komĭne Makébuko băzanywe na nyina wâbo arí bató cāne ajé kwābīrwahó baca barerwa na RUKEREBUKA arí mu muryāngo w'Ábahoro nōné ubu batwīta Abahoro aríko vy'ùkuri turí Abasĭndi.

Abo Basĭndi baranafīse icîvugo nk'ûkó MINYURANO abivugá : *turi Abasĭndi basīndá bátānyōye.*

Ico cîvugo gisigūra kó Abasĭndi arí abāntu bacīyé ubwênge kó badakorêshwa n'íbiyáyūra mútwe nk'ínzoga n'íbĭndi aríko bategérezwa gukóra ikīntu bâbānje kwĭyumvīra.

[40]Justin MINYURANO, umutânganikurú, Rwēsero, kuwa 03/8/2014


**5) Abahânza**


SABANYA(±1848)
SABÚTOKÉ(±1878)
KIRABIRABI(±1885)
BUCUGU(±1908)TÂNGURIRWÂ (±1911)BURAHAMANA (±1914)
NTÂKIMAZI(±1917)
Anicet (±1938)
Athanase (±1941)
Eugène (±1944)
BARÂNKENYEREYE(±1950) NJEBÁRIKANUYE(±1953)
BUCÚMI(±1957)
Léonidas(±1971) Germain(±1974)
Edouard (±1974)
BÂNKURUNÁZE(±1980)
NSAMÂJE (±1915) NYANKIYE(±1918) SEGETÊRA(±1921)
BARÁMPÂNZE (±1947) NTÛNGÚKA(±1950) NTÂKARÚTIMÂNA(±1953) FYÛRAMÂSO(±1958)
NDAMBI(±1945)
André(±1948) Nicodème(±1951) BUCUMI (±1951)
Dismas(±1975)RIRAGONGA(±1978) CÔNGÊRA(±1981) Elie(±1984
Audifax (±2005)
Fabrice (2011)Divin(2014)

NTIBAGAYÍMVO Hilaire[41] avuga kó uwo muryãngo wajé uvá ahăndi ariko atā wībuka iyó bāje báva kukó abasígaye bǎvūkiye ng'ǎho ngo ariko uwatânguye kuhagerēra ni SABÚTOKÉ. Na wé nyéne ngo yajé ahákurikira itōngo ryāgútse kǎndi rimerá.

[41] Hilaire NTIBAGAYIMVO, umutângankurú, Rwēsero, kuwa 03/8/2014


**6) Abavumú**




MÍNĂNI Béatrice[42] ari mu muryāngo w'Ábavumú akaba atīgeze ajá kwūbaka afisé imyâka 70 avuga kó abavumú bămye ng'ăbo ataho bĭmutse

[42] Hilaire MINĀNI, umutângankurú, Rwēsero, kuwa 03/8/2014


7) **Abajîji**




NYĀNDWI Barnabé[43] avuga ko Abajîji b'i Kidásha mu Rwēsero bīmutse báva kū Mpínga aho ní mū ntárá ya Rutana nkó ku mwāmi Mwēzi kukó wé yavūtse ku mwāmi Mwāmbutsa. Avuga kó uwatánguye kuhagerēra arí TYAZO ngo akaba yáje ahárāndera itōngo ryāgūtse kăndi rimerá.

[43]Barnabé NYANDWI, umutânganku̇rú, Rwēsero, kuwa 03/8/2014


**8) Abasīni**




SINGIRIZINA Mathieu[44] avuga kó băje báva mu Burāmba mu bicé vyā Gíshūbi.Ngo hōba hări nkó ku mwămi Mwêzi.Uwahâje ubwā mbere ngo ni MURANGA akaba yáje akúrikira itōngo ryāgútse kăndi rimerá.

[44]Mathieu SINGIRIZINA, umutângankurú, Rwēsero, kuwa 03/8/2014

**9) Abarāmba**



RUBÂYI (±1838)
NTĀKĀNDI (±1868)
BINYŌSHA (±1898)
RUHÛRAMBOGA (±1901)
Claver (± 1928)
BUCÚGU (±1931)
NIYÍBITEGÁKA (1971)
NĪZIGIYIMÂNA (1961)
NSHĪMIRIMÂNA (1985)
SĀBÓKWĪGINA (1976)
NĪSHEMÉZWE (2001)
Kennedy (2004)
IRĀNKŪNDA (1991)
KUBWÎMÂNA(1994)
AKÎMÂNA(1997)

NIZIGIYIMÂNA Tharcisse[45] arí kumwé na múrumuna wé NIYÍBITEGÉKA Frédéric[46] bavuga kó abarāmba bāje ng'āho arí abakwé b'Ábakaní baca babīhēra amatōngo bībēramwó. Bāje báva mu Murāmba murí Komīne Gishûbi. Gusbika n'ūbu ni abakwé b'ábakaní aríko băcīye bánasāngira umwūga wó gukana, kuvúza no gutâmba ingoma.Uwatânguye kubá umukwé w'bakaní akaba arí na wé yabátăngurіye kūza ni RUBAYI hări nko murí 1868.

### 2.5.2. Imiryāngo ibarí n'âhó tuyisǎnga

| | KIDÁSHA | KAJĒNDA |
|---|---|---|
| Abakaní | + | + |
| Abarāmba | + | - |
| Abahoro | + | + |
| Abavumú | + | - |
| Ababânza | - | + |
| Abasīni | + | - |
| Abasīndi | - | + |
| Abajîji | - | + |
| Abasīndi | - | + |
| Abashûbi | + | - |

### Incâmaké

Iki kigabáne cări cêrekeye amâmūko y'Ábakaní b'í Kidásha mu Rwēsero ahó bamwé bavugá kó Abakani bāje báva i Gasáse mu Kibŭmbu abăndi na bo ngo bōba bâje báva kū Nkiko bâzananye n'úmwāmi wāmbere NTÁRE RUSHATSI CĀMBARANTĀMA aríko igikurú ni ukó bēmeza kó batāmye bába ng'āho i Kidásha mu Rwēsero aríko bāje báva ahăndi n'āhó batabihūrizakó.

[45] Tharcisse NIZIGIYIMÂNA, umutângankurú, Rwēsero, kuwa 03/8/2014
[46] Frédéric NIYIBITEGEKA, umutângankurú, Rwēsero, kuwa 03/8/2014

## IKIGABÁNE CĀ GÁTATU: IMICÓ N'ÍMIGĒNZO NDĀNGAMURYĀNGO

**Intângamárārá**

Muri iki kigabáne tuja gusbikiriza imicó n'ímigēnzo y'Ábakaní b'í Kidásha mu Rwēsero mugucá hīrya nó hīno imiziro yâbo, ibimazi vyâbo, ibikórēsho vyā kêra n'ívy'ūbu bikihari.

### 3.1. Imicó

Mū ukurú zātānzwe zēmeza kó Abakaní b'í Kidásha mu Rwēsero mu micó yâbo batārwānā kuva kū ntwâro ya cāmi gushika n'ūbu. Ababânyi bâbo bó mu muryāngo w'Ábavumú n'Ábarima nka MĪNĀNI Béatrice[47] na NZIGIRABÁRYA Etienne[48] bavuga kó Abakaníbadasīndá kāndi imicó yâbo arí myīzá. Baravúga kāndi kó bakūndána bagafáshānya n'ábāndi babânyi.Barêmeza kó n'âbó babá bânyôye utuyogábagumá bátēkereje batūgéra báshwāna.Ni abāntu bó gufátirako akarorero kukó bafisé imicó myīzá.

BARĀNYANZIRIYE Henri[49] avuga ati: «Twēbwé Abakaní dutegerezwa gutêkereza, gukûndana hamwé nó gufásbānya kukó twîtwāye nābí vyōdutôsekariza icībare câcu hamwé n'úmwūga wâcu w'ingoma ». Arōngera ati: «N'ábīyadukije ngo bararwānye băcīye bîtōra ikosá barômoka barahūnga iki cībare câcu batakó bagēnda báhīnduye izina ry'úmuryângo ubu ntibacītwa Abakaní bītwa Abasānzu ».

Nk'ûkó SADIKI[50]Elieabivugá mu gitabo yānditse ku *muryāngow'Ábashûbi b'í Gitára kwā KARABÔNA* asigūra kó umucó arí kimwé mu bigíze akarāŋga ariko ukaba wîharijwe n' úmurwi kānākā w' ábāntu.

Arōngera ati:*«Umucó rērō ni nka kámeré k'úmūntu cānké k'ábāntu kānāka bīsângije Umucó ushobora gusāngirwa n'úmuryāngo cānké abaróvyi cánké igihúgu»*.

### 3.2. Imigēnzo

Nk'ûkó biri mu majāmbo y'īshimikiro, umugēnzo ni ingiro, akamenyēro, inyîfato y'úmūntu mu kubáho kwîwé mu bāndi i muhirá, mu rugó, mu miryāngo cânké mu makūngu.

Dúfatiye kuri iyo nsigūro tukōngera tugafatira kuvyó twîboneye túri ku rubúga mu matōhōza, Abakaní iyó bari muhirá, bágīye gukóra mu mirimá bāmbara impūzu zisānzwé zó kurima, iyó bagīyé gusēnga na hóbāmbara nêzá kāndi bakîkwīza impūzu zimesûye.

---

[47]Béatrice MINANI, umutânganikurú, Rwēsero, kuwa 03/8/2014
[48]Etienne NZIGIRABARYA, umutânganikurú, Rwēsero, kuwa 03/8/2014
[49] Henri BARĀNYANZIRIYE, umutânganikurú, Rwēsero, kuwa 03/8/2014
[50]SADIKI (E.), op.cit. p .53

Iyó bariko baravúza ingoma baba bâmbaye imbega arí vyo vyămbarwa vy'ŭwo mwūga aho ní ho batāndúkāniye n'ábăndi bāntu badafísé iryo bānga ry'ingoma. Ahasígaye Abakaní bafise imigēnzo nk'îyábăndi babânyi bâbo nk'ûkó NĀHÍMÂNA Vénérand[51] wó mu muryāngo w'Ábahoro abivugá.

NTAHOKAJAJean Baptiste[52] mu gitabo cîwé mu migēnzo y'ikirŭndi avuga:

*«Imigēnzo y'ikirŭndi ni inyîfato y'Ábarŭndi bó hāmbere i muhirá, mu rugó, mu babânyi, mu miryāngo, mu makūngu. Ivyo bigatumwa n'úgatima kēzá ariko gaserúkira mū mvúgo nó mū ngiro. Ivyo vyöse umūntu akabihābwa n'ĭsi abāyéko imugòra cânké ikamugororokera ikamutēra ubwīra, ubunebwe ... ikamuha ihŭmbi ryó kŭbaka n'îryó guhîngūra ibikórēsho n'íbisharizo».*

SADIKI Elie[53] arōngera ati *«Umugēnzo ni umuhézo»*.

### 3.3. Imiziro

Abarŭndi bāzi kó umuziro arí ikīntu kibujíjwe gukórwa kikagira inkuríkizi mbi kuwŭbahutse kugikora n'impaká. Abakani rēró barafíse ibīntu vyĭnshi bazirá nk'ûkó NJWĪRA Godefroid[54] abivugá. Abarŭndi rēró bó hāmbere,Abakani eka n'ábăndi bó mu yĭndi miryāngo bări bûbakiye ku miziro.Umwâna yakúra yûmva mu muryāngo kó kizira kwĭca iki cânké kirĭya, kurya ibi cânké birĭya,kwĭca uku cānké kúrĭya,gutûnga iki cânké kírĭya mberé bakamwêreka kó uwubírēnzekó inkúrikizi arí nyĭnshi kăndi mbi. Izo nkúrikizi zigashobora gushôka zîbonekeza cānké zigateba. Aha rēró umwâna yakúra atûnya arí na vyó vyăvamwó ukŭbaha ibīntu n'ábāntu.

Muvyó rēró Abakani b'i Kidashá mu Rwēsero bazirá twābigabuye mu micé iné

#### a.Imiziro yērékeye abāntu

Abakaní rēró kirazira kó bīnjira mū nzu y'úmwīshwa cānké gutérura umwīshwa atáco urĭnzé kumúfŭmbatīsha kukó ngo wōjugumira. Hānyuma umúfŭmbatīshije nyina wîwé arí we mushikāwe abānza kugucūmbira cānké akakugurira inzogá. Kuvyĕrekeye imiziro bavuga kó atānŭmwe yagíriye ingáruka mbi yâyirênze.

---

[51]Vénérand NAHIMANA, umutângankurú, Rwēsero, kuwa 03/8/2014
[52]NTAHOKAJÁ (J.B), op.cit. p.3.
[53]SADIKI (E.), op.cit. p. iv.
[54]Godefroid NJWĪRA, umutângankurú, Rwēsero, kuwa 05/8/2014

Abakaní cărazira kăndi n'ŭbu kirazira kuvúgiriza ingoma mw'īrêmbo ry'âhó umukŏbwa wâbo yābiriwe. BĀNKURUNÁZE Emmanuel[55] avuga kó n'âhó bába báshēngeye i Murāmvya ku muganuro bágira bashiké ahari urugó rwăgīyemwóUmukanikazi băca bákata bagaca hĭrya kure.

Cārazira kó Umukaní arōngora umutūtsikazi wó mu muryāngo w'ábahūná ngo yacá apfá.

**b. Ivyó bazirá vyērékeye ibitŭngwa**

**b .1. Ibitûngano**

Kirazira kuryá urusâto rw'înká bé no kuryá inyána yavūtsé itágezé (yarāmbúruwe).Kirazira kó umugoré wó mu Bakaní aryá igitūngwa bītá intāma.Muri bamwé baterékēra isáto kirazira kó batūngá inkokó kukó inkokó iri mu bwôko bw'ibisīga ari na vyó bitabonána n'īnzóka. Umutângankurú AudaceNSHĪMĪRIMÂNA[56] atānga akarorero k'úmutāma yītwá Sarasi yahâye itégeko umuryāngo wîwé kó bábōnye igisīga kiri hējuru y'úrugó rwîwé bacămirira kure atānga n'ītégeko ryó kwīcira ibití vyöse bikīkûje urugó rwîwé ngo ibisīga vyōhava bíbirwakó. Kāndi ntihīgéra bábura umūntu mu rugó iwé kugíra yāmire ivyo bisīga.Abakani ntibaryá ururími rw'înká ngo ntibōsohora ijwí bárikó baratâmba ingoma.

**b.2. Inyamâswa**

NJWĪRA Godefroid[57] avuga kó kuri abo baterékēra isáto, ibikôkó bisāngíye ubwôko n'inkokó biziráńa. Atānga akarorero kubisôzamútemére (igikôkó gifisé izosi rirēnire), agacá, inkukuma,..

**c.Iyĭndi miziro y'Ábakaní**

Emmanuel BĀNKURUNÁZE[58] aratúbwīra iyīndi miziro y'Ábakaní b'i Kidásha mu Rwēsero.

Kéra ntā wŭndi yazá kuvúza ingoma mu Bakani atári Umukani. Kirazira kuvúza ingoma wâmbaye ibirāto n'âhó hōbá mu mahwa. Kirazira kwāmbara imirīnga ku mabóko n'ibidéde uriko uravúza ingoma. Kirazira ko umwâna asāngira inzogá n'ábakúze iyó bishitsé na hó ntibamureká ngo yīfátire ibákuré mu gusoma.Kirazira ko umugabo arārána n'úmugoré búca bája kubāza ingoma cānké kuzikana.

[55] BĀNKURUNÁZE Emmanuel umutângankurú, Rwēsero kuwa 03/8/2014
[56] Audace NSHIMIRIMANA, umutângankurú, Rwēsero, kuwa 04/8/2014
[57] Godefroid NJWĪRA, umutângankurú, Rwēsero, kuwa 04/8/2014
[58] Emmanuel BĀNKURUNÁZE, umutângankurú, Rwēsero, kuwa 04/8/2014

Uwuhīrahīriye akarēnga kuri uwo muziro ingoma abājé yacá irára cānké iyó ariko arāmbika urusâto ruca rúza ruratabagurika.Kirazira gutá cânké gusânzāza igikórēsho icó ari co cōse cávūye kū ngoma n'âhó kibá gishâje.Nk'ákarorero isékuro y'ingoma, umurisho wahéze, amabêre yahéze,icāhi cāheze,igishórezo eka icó arí co cōse kijānyé n'íngoma giheze bategerezwa kugishīngura nēzá. Ivyo bikórēsho bategerezwa kubishingura nēzá kukó ngo ni umutí ukoméye, bavuga kó bivūrá iyó hási (isáto).

Nk'ákarorero iyó nk'igitūngwa cānké umūntu yakānzwé bafata akamānyu gátôyá k'icāhi, ak'úmurisho, ak'ībēre bakabiturira hānyuma bagaca bûbikīra uwo mūntu cānké ico gitūngwa bigaca bihera igitūngwa cānké umūntu bigaca bihēmbuka.

Kirazira kuvúgiriza ingoma mu mwônga kukó ingoma zārafásha mu gutérekēra isáto nazó isáto zába mu mwônga bānka kó isáto zikāngúka kukó zikāngutse abāntu bārakāngwa.

Cārazira kikaziririzwa kunywá inzogáy'ámahōnda ubwāmbere igihe yēzé. Inzogá yāmbere bābānza kuyijāna mu kigabiro iyó baterékēra isáto ikaba ari yo itāngúra kuyinywa hānyuma abaheza bagahéza bagatânga uruhushá rwó kunywá inzogá y'ámahōnda. Uwuhīrahīriye agatânga iyo sáto kunywá inzogá y'ámahōnda yacá yāma uruherehere umubiri wōse yagômbōrwa na kāruhariwe mu gutérekēra isáto ari we bīta umuheza. N'inzogá isigájwe n'īsáto cārazira kikaziririzwa kuyinywa utāri umuheza.

Cārazira kuvúgiriza ingoma mu rugó rw'úmūntu kukó ngo bāba báhakwēgeye isáto bakānka kó yōcá imára abāntu.Cārazira kó umugoré avuzá ingoma.Nk'úkó Antime BARĀNSAKĀJE asānzwé gushika ubu arí we aserúkira abavúzi b'íngoma mu Burūndi avuga ati:«*Ibihimba vy'íngoma ni nk'īvy'úmugoré: amabêre, umukōndo, inda, icāhi, mu kibēnga*».

Mu kibēnga rēró kū ngoma avuga kó ari hárya hagati ku cāhi bakubita umurisho akahagereranya nó mu gitsina c'úmugoré.Aho mu kibēnga rēró hakubitwa n'úmurisho uwo ná wo awugereranya n'igitsina c'úmugabo vyūmvíkana kó umugoré atōvuza ingoma kukó atá murisho afisé.Arōngera akavuga kó umugoré atavuzá ingoma ahūbwo azitāmba.Aheraheza avúga ati:«Umugoré ntakubita intāhe ahūbwo arayisasira kukó intāhe ayigereranya n'igitsina c'úmugabo».Umugoré rēró ntiyōkubita icó adafisé.Ivyo rēró yabivugiye mu kigó c'irātiro ndāngakarānga c' i Bujūmbura ahó hāri hákoraniye imirwi cúmi n'ībiri y'ábavúzi b'íngoma ahó abatīmbo bó mu Rwēsero bāri babāye abākábiri hávūye abó mu Gishōra arí na wó murwi Antime BARĀNSAKĀJE yari yāje asérukira. Ivyo yabivuze kw'īgenekerezo ryā cēndá Myāndagaro muri 2016 umúsi wā nyuma warângiza iryo higanwa ryāri ryâtānguye igenekerezo ryā gátāndátu uyo mwāka nyéne.

Ariko iryo higanwa ryări ritegekanijwe kw'īgenekerezo ryā 26/Ruhĕshi/2015 ariko kubêra imigūmūko yari mu gisagára cā BUJŪMBURA ni hó ryăcīye ryûngururizwa kuri iryo genekerezo Ico gihe Antime BARĀNSAKĀJE yarônse agashīmwe k'ámaherá anganá imiriyōni zibiri iruhănde yákărōnswe n'ùmurwi yajé asérukiye wó mu GISHŌRA.

### 3.4. Ibimazi

Murí rusăngi ikimazi c'úmuryāngo ni ikīntu umuryāngo utegérezwa kwăma ufise kugíra ngo urōnké imigisha.

RODEGEM (F.M.)[59] aratănga insígūro nyīnshi z'íkimazi ati :

1. *«Ikimazi ni ico kīntu gicīyé…umwâna ntákimazi ni umwâna ataco amazé w'ikinebwe.»*

2. *«Nigihēko : impǔzu bāmbára iyó bagāndáye cânké ikīntubāmbára kugíra bīkîngire».*

Umūntu afátiye kuvyănditse nó kuvyó Abarǔndi bavugá kăndi bakêmera, twōfata kó ikimazi ari" ico kīntu umūntu cânké umurwi w'ábāntu bēméra kó gifisé igicīro mukubakīngira. Ni ikīntu bavugá kó bátagifisé bamerérwa nâbi mberé n'úgupfá bagapfá.

CĪZÁ avuga ati :

*« ibimazi biri kwīnshi.Hari ibimazi bahá uwabúze umūntu ni ukuvúga amaherá bahá uwabúze umūntu ngo aguré impǔzu z'úkugāndūkamwo hakaba n'íbimazi vy'âbâna b'ímiziha.Iyó rēró umwâna batamwămbitse ico kimazi ntiyakúra.Cári nk'ígihēko» .*

Na NTAHOKAJA(J.B)[60] aravúga kó :

*"iyó umuvyêyi avyāyé abarênga cúmi yarâmbara ikimazi. Umuvyêyi afisé abâna barēngá cúmi na bátānu yarámbara ikimazi.»*

Mu muryāngo w'Ábakaní b'í Kidásha mu Rwēsero ibimazi bikurú bīkuru hări isáto n'íngoma kukó bităhara mberé n' ûmwâna wĕse w'úmuhǔngu avûtse băca bámufūmbatīsha umurisho w'íngoma.Babibevye ubu kubêra basigáye bîbarukira kwā mugānga.

### 3.5. Ikibănza c'Ábakaní b ' í Kidásha mu Rwēsero mu mibāngo ijănyé n'úbuzima bw' Ábarǔndi

Muri rusângi imibāngo ni ibihe bibujijwe kurí bamwé bikaba bírekuwe ku băndi nk' ûkó AudaceNSHĪMÍRIMÂNA[61] abivugá. Abakaní bări báfise umuhāngo ukoméye wó gutérekēra isáto kukó binajānyé n'úmwūga wâbo wó kuvúza ingoma.

---

[59]RODEGEM (F.M.), *Inyizamvugo y'ikirundi. Essai de dictionnaire explicatif rundi*, Usumbura, Edition des Presses Lavigerie,1962 , p.553
[60]NTAHOKAJA (J.B ), op.cit, p.79
[61]Audace NSHIMIRIMANA, umutânganguru, Rwēsero, kuwa 04/8/2014

Ahó ugutérekēra isáto kw' Ábakaní gutāndúkānye n'íyĭndi miryāngo yōbá itérekēra isáto ni ukó Abakaní bayitūnze kubêra ingoma kukó isáto n'íngoma arí ikimazi câbo aríko iyĭndi miryāngo itūnga isáto ifisé iyĭndi ntūmbēro nkó kuroga.

Mu muryāngo w'Ábakaní b' í Kidásha mu Rwēsero cărazira kăndi n'ŭbu kirazira kó Umukaní aterékēra isáto mū ntūmbēro yó kuyirogēsha.

### 3.6. Ibikórēsho vyā kêra n'ŭbu bikihari

#### 3.6.1. Ibikórēsho vyó gutérekēra

Hari ibikórēsho bijānyé n'úgutérekēra isáto : ubwâto butôbutó,imbaya (inzâto),utubĭndi, uturĕnde vyăma vyûzuye amâzi kukó bavugá kó isáto arí igikôkó gikūndá amâzi cāne.

Umutângankurú avuga kó harí n' ábashírayó udukōko tujīshwé n'îbára rimwé ryērá dupfūndikiye aríko ngo ntāzí igipfûndikiriyemwó ngo ntiyapfûnduruye. Utwo dukōko baraduhīndura ku mŭnsi ku mŭnsi bákūranya.

Ivyo bikórēsho vyöse băbishira mu kazu kūbákīshije ubwătsi kuva hăsi gushika hējuru kītwá indâro.Aríko rēró twîhwēje nêzá dusānga ukó baterékēra isáto bítāndukānye n'áhăndi nk'í MAGĂMBA nk'ûkó Félicien BĀNKUWŬNGUKA[62] abivugá akērekana ingéne baterékēra isáto yó mu kigabiro c'í MAGĂMBA mu gitabu c'úmutsîndo cîwé yănditse.Nk'ûkó yabíbwīwe na NYÁKIMWE, ugutérekēra isáto băbigirira mu bitôngati bitēyé i rubănde y'íkigabiro có kw'Ībûraniro ahăhora ingoró y'íngoma. Ni mūsí y'ûwó bīta NTOBÉRWA umujîji w'úmuzīmbūra amenyêkána. Ivyo biterékērwa vyătuma aho mu kigabiro rutūtâha nk'ûkó băgiye bárabívuga. Si uwó arí wé wēse yahágera atarí umuzīmbūra. Ngo izo ngoma zăramukânga n'úgupfá agapfá.

Avuga ati :«Mu kigabiro hárya i MAGĂMBA mūsí ya NTÓBERWA,ingoma zăkoraniraho zîmirije kuzôshêngera i bwămi. Ni hó băhora bákoranira böse bakarōndera imibíra y'ínzogá bakīrirwá baranywá.Ni ahāntu harí ubuhĭnga bwĭnshi butōróshe. Ni hó harí itsînda ryā rukoró utári umūntu yīménya wó mu kigabiro câcu nyéne ntiyahêgēra».

Uwo mutāma avuga kó itsînda ryā rukoró bisigûra ikĭntu gikoméye cāne, kigōyé gutāhūra.

[62]BĀNKUWŬNGUKA, (F.), op.cit. p.98

Ubwo buhīnga buhanítse ni bwó bwātuma umugoré atávuzá ingoma kukó yōkáŋgukwa NTOBÉRWA, CĀNKA, NTĀMBAGÁ, n'ábāndi barèmeza kó mu gihe umugoré ajé kuzirorēra afise inda ikiri ntôyá, băbānza kumúkoza umurisho mu ruhănga nó ku mabêre kugira iyo nda ntīveyó.Cárazira nó kuháryāmika umwâna.

Abo böse ntibadōndôra ukó isáto imezé kukó ngo ntiyabóneka. Ariko uriko urûmvīra imvúgo ya bamwé, băyiba ishusho y'înzóka yōbá ifise ubumíni budasānzwé, íshobóra kubóneka rimwêrimwé na hó nyéne atarí ku bāntu böse.NCAHÓRURÍ ari mu bĕmeza kó iboněka avuga ati :«I MAGĂMBA ni ahāntu hakurú. Ba NYĀBICĂCA, bā GITABUZI, bā NDÁSĀMBA, bā KÍDURÁNYA, RUHŪMBA na KOSIMA böse ni abazīmbūra. Uwo muryāngo wītwa «abatwārangoma bĕne isáto».Hárya kw'īsēnga ni hó băyiterekērera. Bărāza bakayîvyinira yâ sáto na yó ikaja hējuru ikabarāba».

N'âhó abăndi bĕmeza kó itabonéka icó böse bĕmeza ni ukó yaribó.Bavuga kó atāwīterekērera ni hó n'īyó NYABIGABĪRO arí yó sáto abazīmbūra si bó băyiterekērera. Abakurú mu bazīmbūra hărimwó, NTOBERWA, MPERABĂNYANKA, CÃNKA, bavugá kó uwayiterekēra yari uwuvá mu muryāngo w'Ábaragáne.

Ahó acīriye ubwênge yabóna umutāma yītwa MABUYE yabá mu RUKOKI ari wé abaterékērera iyo sáto.Uwó böse baramúhūrizakó. Iryo zína n'úmuhânza NTAMBAGA araryībuka. Yayiterekērera mu bitôngati bimezé nk'ákagó biri hāfi y'īco kigabiro n'ŭbu vyôvyó biracârihó.

Aravúga ukūntu vyăgēnda : «Umuheza yari umutāma yītwa MABUYE ni wé yahêzagira. Yarâzana inzogá y'împéke akayitarika mu kanága mu bitôngati, hāfi yàhó tuvugiriza ingoma. Ivyo bitôngati vyări bimeze nk'ăkagó agahéza akatwīcarika nka hárīya, na wé akīherēra akabíkora. Twâbóna atóta avúga amajāmbo nka kúrya abapfumú bagirá, atôngēra ariko aranywá inzogá ya wênyené, n'îvyo atotá vyā nyâ mayogá yîwé ngo ariko aragabura. Nyâ nzogá agahéza akayisiga háno. Nyâ māna yâshīmye yajá kurāba agasānga yānyôye, itâshīmye akayisāngahó. Ntaco băbona aríko rimwé na rimwe vyărafáta.Ubírēnzekó, ukóze ibidákwīyé vyărafáta».

Uwó mugirwá bēmeza kó wari uhâmbāye ugatuma ikigabiro gitīnywa.Böse barêmeza kó hari igiti cītwá ingĕge cari impănde y'īcó kigabiro, abăje kuyibāza ngo bayikūremwo imbâho, ntibabāyebó. Ico giti bâgicīye imīnsi itānu ari kimwé, cāgize kiragwá ibikôna vyări kurí có, vyácīye bipfá vyöse. Bágize ahó bōkibāje, bácīyé bapfá böse.

NTĀMBAGÁ na wé, arībuka ingéne bāterekēra isáto, ingoma ziri mu kudûga i bwāmi agira ati : «Mu gutérekēra isáto,kēra hāriho igitōke c'íkimága, cāhīrakó íngoma zítarâgera ngo zidūgé, ziva mw'īkaniro zîza kuvyâgira mu kigabiro. Ico gitōke cāhīrakó,bája kugíca ingoma zidūga mu kigabiro. Bāca bákigana,uwo mubíra bakawushira mu bwâto.Imâna yó mu kigabiro yâshīmye uwo mubíra,bwāracá ngo basubíreyó, bāca básānga ubwo bwâto bwûzuye. Ntitwāyibona kāndi n'ūwo Mabuye yayíterekēra ntiyayíbona».

BĀNKUWŬNGUKA Félicien mu gitabo cîwé yānditse, arōngera kutúbwīra ingéne bāterekēra isáto yó ku gasaka i bwāmi ati :«Ku gasaká i bwāmi hāri hátīnyitse kubêra inzóka yavúgwamwó yītwa isáto.Uwayíterekēra yītwa KAYOBERA,amáze gupfá asubirirwa n'úmuhūngu wîwé NKURABASHŌMBA André. Mu gutérekēra, yafáta ubwâto bwīzá bubājé mu mumândá akabutereka ku dukīngi tubiri tumezé nk'ûrwêgo, kamwé hīrya akāndi hīno,bwâ bwâto bukaba hagati murí nyâ gasaká. Mūsi yâbwo mū ntébe, hāri umuzi ubuváko ukīnjira mu kuzimú.Uwo ayíterekēra aza arāza asúkamwó inzogá,iyo sáto ikāza kunywá.Bāritwārarika kuyíterekēra kukó ibúze umubíra,yarâra irâbira kúrya kw'íntāma,umūntu wó mu muryāngo akaba apfûye». Iyo nkurú yatânzwe na NTĀMBAGÁ

Mu gihe iriko irītēmbērera ikazûnguruka umurimá w'íbiharage ntīwucemwó hagatí, ivyo biharage warábitêka ntibíshe. Ibicīyemwó hagatí nahó ubítētse mu gushá vyārahonyoka, bisigûra kó vyāsha cāne.

NDAYIRAGIJE Gerth[63] na wé mu gitabu cîwé yānditse ku muryāngo w'Ábajîji b'î Nkóma ya Bánege imicó n'ákarānga vyâbo ahó avugá kugutérekēra isáto yó mu mahêro n'îsáto yó mu bigabiro.

Mu gutérekēra isáto yó mu mahêro, bâzana ubwâto bw'úmurīnzi bakabushira mu kadâro mu kigó ariko bītá akanyabugoro, bagahéza bakagēnda ku rûzi cānké kwīsēsero ry'íkiyága bagatōra utubuye twibúrūngushuye arí two bītá inguru bakadutērera murí bwâ bwâto,bagaca bágēnda ku mupfumú akabácīra iyo sáto,akabaha umuzi bakawūzana bakawushīnga muri bwâ bwâto bagaca básukayó umubíra n'îvyó kuryá nk'íntore zērá,ubwīshaza kugíra izé iraryá.

Búkēye wasânga wâ muzi wáhīndutse inzóka.Imáze gukúra,bāca bayijāna mu gisaká kinini arí co bītá ihêro kiri mu gashōka cānké ku mutūmba bakayitērerayó. Yagúma murí iryo hêro ku mutâga, mw'ījoro igasohoka guhîga.

---

[63] NDAYIRAGIJE ( G.), op.cit., p.67

Mu kuyíterekēra rēró hākenerwa ubwâto bw'úmurīnzi, akadâro (akanyabugoro), inguru,umuzi,umubíra,intore zērá,ubwīshaza n'íbǐndi. MBONABÚCA yōngerakó kó isáto yó mw'īhêro yari níni cāne gusūmba iyó mu kigabiro.

Mu gutérekēra isáto yó mu bigabiro bavuga kó iyó hagezé guhéza imigirwá ijānyé n'úguhéza umwâka nkó gusohora imbúto,kuryá umwâka mu muryāngo,amasaká n'úburó vyêze,ibikórēsho bākorēsha vyāri intébe y'ámano atatu,ibājwé mu gití c'úmurīnzi(umugumya),n'úmubīndi w'íminwa ibiri cânké irēnga bītá inkóno ya bigōmbo,ingoró n'úruhīmbi,ubwâto n'ínkīnzo bibājwé mu murīnzi, umuhózo (umutí w'úmubuko bāmījagira mu guhóza ikigabiro kugíra imigirwá yōse izé igēndé nêzá).

Kubêra imigirwá n'īyo mibāngo isá n'íyahéze, ibikórēsho ntibābibītse, vyārahéze, ababifise nabó ntibavyěrekana.

### 3.6.2. Ibikórēsho vy'ímyūga

Nk'ûkó twāmyé túbivuga, umuryāngo w' Abakauí b'i Kidásha mu Rwēsero bāmye gushika n'ūbu báfise umwūga wó kubāza ingoma, bakazikana, bakazívuza bakōngera bakazitāmba kǎndi nêzá.

BĀNYUZURIYEKÓ Christophe[64] arabítusbwîra nêzá :igití c' úmuvúgāngoma arí na có babāzámwo ingoma,insâto z'înká y'îbúguma itakivyāra,ikirimyo(bakorêsha mu kwīmba ico gití),imbāzo bakorêsha mu kuyiha umukôndo, intwêro bakorêsha mu gutóbora ahó amabêre azôcá,incâbití bakorêsha mu kwīcira ibití n'úkurīnganiza ingegéne. Hari n'íkibêzi bakorêsha mu guhanura urusâto urúkūra ahówarukatiye urúshikana mw'ībêre kugíra urōnké ijwi ushākā.

Kubêra ubuhīnga bwā nône bwǎje,ubu mu kwīcira igití bakorēsha umusúmēno cānké akamashini kīcira,kagegéna kakōngera kakabāza igití mu mwānya mutó.Mu gutóbora nahó, bakorēsha akamashīni gatobóra.Mu kuvúza ingoma bakorēsha imirisho, ibitāko (ivyó bāmbára mu mutwé báriko baravúza bakōngera bázitāmba),igishórezo(ingáta bakorêsha mu kwīkorera ingoma),íbihete(bikozwé mu bití bakavyāmbara nk' úmurīnga ku mabóko),ikirézi (bāmbára mw'īzosi) hamwé n'ímbega (imitamana ibiri bakenyéra báriko baratâmba ingoma kěra zāri zikozwe mu bití).

Aho twômenya nêzá kó bibujíjwe kwāmbara ibirāto uriko uravúza cānké uratâmba ingoma nâhó hōbá mu mahwa.Kirazira kǎndi kwāmbara imirīnga ku mabóko cânké mw'īzosi bítari muri ivyo duhejéje kudôndagura.

---

[64]Christophe BĀNYUZURIYEKÓ, umutânganKurú, RWĒSERO, kuwa 04/8/2014

**Incâmaké**

Iki kigabáne cāri cèrekeye imicó n'imigēnzo ndāngamuryāngo ahó twăsānze muri rusăngi Abakani b'í Kidásha mu Rwēsero básāngiye imicó n'ímigēnzo myīzá n'ábăndi Barŭndi kiretse kó hari imigênzo imwîmwé n'ibimazi usāngá bîsāngije bivānye n'úmwūga wâbo wó gukana, kuvúza nó gutâmba ingoma.

## IKIGABÁNE CĀ KÁNE: URUHÁRA RW'ÁBAKANÍ B'Í KIDÁSHA MU RWĒSERO MU KWŬBAKA IGIHÚGU

**Intângamárārá**

Murí iki kigabáne, tuja gushikiriza uruhára rw'Ábakaní b'i Kidásha mu Rwēsero mu kwŭbaka igihúgu. Turajá gucá hĭrya nó hĭno ingéne bănywānye n'íyĭndi miryāngo, amabānga n'ámabāngo yabêgukira kū ntwâro ya cămi ndetsé gushika n'ŭbu.

### 4.1. Ingéne Abakaní Kidásha mu Rwēsero bănywānye n'íyĭndi miryāngo

Murí rusăngi Abakaní nk'íyĭndi miryāngo băranywânye nêzá twîhwēje imigĕnderanire bafitániye n'ábăndi.Nk'ûkó Tharcisse NIZIGIYIMÂNA[65] abivugá asānzwé arí umukwé w'Ábakani avuga kó Abakaní băbōnye kó atā matōngo yāgútse bafísé baca barabáhamagara babaha amatōngo kurí gusa bībêramwó. Tharcisse NIZIGIYIMÂNA ni umurămba aríko akaba abá i Kidásha aho mu Rwēsero báhāwe amatōngo n'Ábakani bávūye mu BURĀMBA kubêra arí abakwé bâbo.Ivyo birêrekana nêzá kó Abakaní bafísé imigĕnderanire myīzá n'íyĭndi miryāngo.Ikĭndi kivyĕrekana nk'ûkó Emmanuel BĀNKURUNÁZE[66] abivugá ni ukó akarêré batūyémwo arí icībare c'úmwămi hatīgera hábēra amatăti cânké indwāno n'íyĭndi miryāngo arí na có gitúma bahīta i Kidásha kukó hatīgera hábēra indwāno mberé n'úwabá yákoze ikosá rīnganá gúte ahāhūngiye yabá akize băca bámurekaakîdegēmvya.

### 4.2. Amabānga n'ámabāngo y' Abakaní b'í Kidásha mu Rwēsero

Twōmenya ubwāmbere kó ibānga n'íbāngo bitāndĭkānye aríko kugira umūntu abităhūre yōbānza akamenya kó intwâro zā kêra z'ábămi zări zûbakiye kw'ībānga n'íbāngo.Hări abanyamabānga b'imigirwá ijānyé n'ingoma y'úburúndi hakaba n'ábăndi twōvugá kó bări abatwăre cânké abarōngozi uhêreye ku mugánwa gushika ku munyagihúgu mutó.

NTAHOKAJAJean Baptiste asúbiwemwó na SADIKI Elie[67] asigūra ayo majămbo uku gukurikira : «Tuyīhwēje nêzá dusānga yarí igízwe n'ímirwi ibiri y'ábāntu :hari abări bájējwe ivy'úbutégetsi n'ábăndi bări bájējwe ibijânye n'ibinyegézwa arí vyó shīngiro ry'întwâro z'ábămi ». Arabandānya ati : «Abo bări bájējwe ubutégetsi ni bó batwăre, abagánwa, abămi, abahámagazi n'ábăndi.

---

[65] Tharcisse NIZIGIYIMÂNA, Rwēsero, kuwa 05/8/2014
[66] Emmanuel BĀNKURUNÁZE, umutāngankurú, Rwēsero, kuwa 04/8/2014
[67] SADIKI (E.), op.cit, p 61

Abo bătānga amatégeko mu gihúgu, bakagaba, bakanyaga, eka n'úbŭndi bushóbozi budasānzwé bujānyé n'úgutégeka.Ivyo vyöse bări bájējwe twōvyīta amabāngo.

Umuhámagazi afise ibāngo ry'úbuhámagazi, umutwăre na wé nyéne yari afise ibāngo eka n'ábagánwa n'ábămi bări báfise amabāngo kăndi bărashobora gukûrwa muri ayo mabāngo yâbo kiretse umwămi mugukûrwa yīha ubûki.»

Ivyo binyegézwa ni vyó bīta amabānga. Abo rēró bări bájējwe amabānga ntayegáyezwa ubutégetsi bw'ígihúgu bugēndérakó ni Abanyamabānga kăndi ntibăshobora kuyákūrwamwó kiretse bâmenjé.

Twîsūnze ivyo vyöse rēró tukisūnga n'ámatōhōza twăkoze,Abakaní bări báfise amabānga n'ámabāngo abĕgukira gushika n'ūbu.

**4.2.1. Amabānga y'Ábakani b'í Kidásha mu Rwēsero**

Ibānga ní ikīntu kinyegéjwe nk'ūkó twābisigûye mu nsíguro y'āmajambo y'īshímikiro.Abakani b'í Kidásha mu Rwēsero bafise ibānga ryó gutérekēra isáto, kubāza, gukana, kuvúza nó gutâmba ingoma kukó harimwó ibinyegézwa vyâbo bīzwí na bó gusa.

**4.2.2. Amabāngo y'Ábakani b'í Kidásha mu Rwēsero**

Ibāngo ní igikorwá umūntu yahâwe.Nk'ákarorero kubá umusuku w' úmwămi ryări ibāngo.Abakaní b' i Kidáshamu Rwēsero bări báfise amabāngo akoméye na cāne câne ku mīnsi mikurú yatégerezwa y'ígihúgu nk'úmuganuro. N'ūbu ku mīnsi mikurú y'ígihúgu baratumwakó ndetsé nó mu mabiganwa baragēnda kukó nó mu makūngu bamaze kujayó kĕnshi.

Ugutâmba ingoma rēró kw'ábakaní kwăratuúmye akarānga k'úbŭnundi kámenyēkana mu makūngu. Mu mwâka wa 1964 abatâmvyi b'íngoma batatu b'ábakani hamwé n'ábăndi indwi bó mu GIHETA, băragîye mu gihúgu cā SENEGAL mu rwêgo rw'úmūnsi mukuru wa afrika. Ryăbāye ubwāmbere báhābwa impūzu zifisé amabára mēnshi acá ibibátsi zăsubiriye impúzu z'íbití zări zíkozwe mu bishíshwa vy'ímimândá. Bărakuriwe nêzá cāne muri uwo mŭnsi mukurú. Impêmbo nyamúkurú yabâye amashí mēnshi cāne băhāwe n'ábanyámahānga kukó băkoze ibitāngāza. Amaherá mĕnshi yahâwe abatégetsi bĂri bĀbahérekeje. Abatâmvyi b'íngoma bó bărōnse amaherá ibihūmbi bitatu gusa. Ingoma yacîye iményēkana yōngera irashīmagizwa mu makūngu.

Mu 1972 bāragize urūndi rugēndo muri Tunisie, Ouganda, Tanzanie, Zanzibar, Belgique na Canada.Uwĭtwa MATŎRE wêwé yariajeējwe kumenyereza abanyêshūre bo mu mashūre ya: *EcoLe d'arts, Collège Notre Dame, EcoLeNormaLe des Garçons, na Athenée de GITEGA*gutâmba ingoma. Bāramurâza, bakamugaburira bakōngera bakamúhēmba amaherá ijana cānké amajana abiri mu mīnsi ibiri.

Komīne yahávūye ishigíkira Abakani mu kubába amaherá angana nk'ibihūmbi icúmi ku bāntu mirōngo itatu bazá bararyá igihe bariko barabāza ingoma yōngera iza irabába insāto zikenéwe mu gukana ingoma inabarōnderera imódoka iza irabūnguruza.

Túvyihwēje iryo bāngo ryārabafásha cāne ndetsé n'ūbu kukó baraharōnkera amaherá abafashá mu kwīkenura mu vyó bakenéye.Nk'ākarorero igihe WĀKÂNA ari we yatwâra ingoma zo mu Kidásha-RWĒSEROyacîye ajá hamwé na BĀNKURUNÁZE Emmanuel bagura imódoka TOYOTA Stout amaherá anganá ibihūmbi amajana abiri na mirōngo itāndátu y'ámarūndi (260.000Fbu). Aho bāri bávūye muri : *France, AngLeterre, Belgique, Italie, Suisse, Hollande na Japon.*

Bārōnka umwê umwé amaherá amajana abiri na mirōngo itānu y'ábafarānsa (250F *Français*). Amaherá asigáye kwā BĀNKURUNÁZE na WÂKÂNA bācīye báyagura amatōngo nk'ábāndi bakani bāndi bāri bâjānye.

Ku mūnsi mukurú w'úmuganuro bārajâna ingoma nshásha kumwé n'ibīndi bigabiro.Emmanuel BĀNKURUNÁZE[68] ni wé avugá nêzá inzira bāfata mu kujá ku muganuro i bwāmi i MURAMVYA kukó yashêngeye ubwîwé i bwāmi ku miganuro ibiri yānyuma. Iyo nzira ni : Rwēsero-Marāmvya-Sîmba-Sōnga-Rângo-Magarama-Giheta Rutegama-Murāmvya. Aho hōse ni ahó bāgēnda baratûra bârushe abāntu bâho bakabagaburira bakōngera bakabáha ivyó banwá.

Twōmenya kó mu mwâka wa 1958 ingoma z'úmuganuro zātegetswe n' úmutāma yītwa patrice BARAGUMA Umukani w'i Kidásha mu Rwēsero Umwâka wa 1959 BĀNKURUNÁZEEmmanuel arí na wó yashêngeyekó avuga kó ingoma z'úmuganuro zātegekwa na GIKERĖ wó mw' ī Higiro i Gitéga.Ubu nahó bāma báseruka mu mīnsi mikurú yōse y'ígihúgu mū nzêgo zōse z'ígihúgu ndetsé nó mu makūngu barashikayó n'ígihúgu kīkahátōrera akajîsho.

---

[68]Emmanuel BĀNKURUNÁZE, umutāngankurú, Rwēsero, kuwa 04/8/2014

**4.3. Ingéne Abakaní băkurikiranye mu kurōngora ingoma aho i Kidásha mu Rwēsero**

MIKANÍ-BIRAGŌRA-NGŌNA-RUSÓRWE-Patrice BARAGUMA-Jean Marie WĀKÂNA-DOMINIQUE- Godefroid NJWĪRA.Uwuzirōngōye ubu ní NJWĪRA Godefroid.

**4.4. Ingoma mu mayăgwa y'íkirūndi**

Aho hāmbere kū ntwâro ya cămi, ingoma yarí ikimenyētso c'úbwāmi kukó atâ ngoma ntā butégetsi umwămi yaba afíse. Kiretse n'íco ingoma irafíse ibīntu vyīnshi yērékana kăndi isigûra mu mayăgwa y'íkirūndi. NDAYIKENGURUKIYE Sylvain[69] mu gikorwá cīwé *symbolisme du tambour à travers quelques rites et pratiques au burundi* avuga kó ingoma arí :

1) Ikimenyētso c'úbwāmi (Tambour symbole de la Royauté): umwămi ntiyabahó atâ Karyēnda
2) Ikimenyētso c'úburimyi (symbole de la fertilité et de la prosperité): ntā mūntu n'ūmwe yabíba amasaká umwămi adatānzé uruhushá. Urwo ruhushá na rwó umwămi yarútāngira ku mūsi mukurú w'úmuganuro na wó ukaba wárāngwa n'íngoma
3) Ikimenyētso c'ínkīnzo (symbole de protection) : ingoma barayívuza bárikó barícira umuvúgāngoma kugíra isáto ihūngé ntīmare abāntu
4) Ikimenyētso c'úmūntu (Karyenda symbole d'une personne): Karyēnda bărayihá umugoré Mukâkaryēndaumwămi yaráryāmana na múkākaryēnda ku mūnsi mukurú w'úmuganuro. Băvyita kugera imbavu.
5) Ikimenyētso c'ínkīnzo mugihe c'íntāmbara (symbole de protection en cas de guerre) : umwămi atêwe yămbaza Karyēnda nayó ikarohōka umwânsi akômoka
6) Ikimenyētso c'úrukizá (symbole de guérison) : íyó umūntu yakānzwé băturira ibishâto n'imirisho vy'ingoma yahéze bakamwūka agaca akíra
7) Ikimenyētso c'înâbí (symbole du mal) : bávugirije ingoma mu rugó rw'úmūntu ivyó atūnzé birashóbora kuyônga vyōse mberé n'âbâna bagapfá
8) Ikimenyētso c'úrukizá rw'úmugoré afísé inda (symbole de protection en cas d'une femme enceinte):umugoré afísé inda bamushira umurisho mu ruhănga nó mu bitúgu ngo ntizimukānge igihe afísé inda

[69]NDAYIKENGURUKIYE (S.), *Le symbolisme du tambour à travers quelques rites et pratiques au Burundi d'après une enquête ménée sur la colline de Gishora en commune Giheta.* Mém. U.B. F.L.S.H/L.L. Africaines, 2009, p1
« On ne peut parler du tambour au Burundi sans évoquer des croyances religieuses et mythiques sur lesquelles reposait la société traditionnelle ».

9) Ikimenyētso c'úbutumwá igihe habāyé ubusumá bw'înká (symbole de message en cas de vol de vaches) : igihe bīvyé inká baravúza ingoma bakaja mu vyămbu. Hari ahó bazifatá cānké bakazíbura.

Kíretse n'ĭvyo Abarŭndi barakóresha ijāmbo ingoma igihe baríko baragânīra bikabonekera mu myĭbutsa, mu bisôkozo, mu mazína bītá abâna cânké mu mazína y'úturêré. Aho hōse bakorêsha ijāmbo ingoma baba báfise ubutumwá bashākà gutânga mberé rimwé na rimwe ugasānga barakórēsheje ijāmbo ingoma mu mvúgo ifobétse.

Nk'ákarorero, iyó bavuzé umwĭbutsa *igití cĭswe ingoma ntígicānwá* baba báshātse kuvúga murí rusăngi kó uwāmye agúsūmba azŏkwāma agúsūmba.Abarŭndi ahó bakoráníye barashóbora kuzá barînēzereza mugusôkoranya nk'ákarorero *biratônze kū ngoma* ni igisôkōzo cērékeye ingoma gifisé inyishu *ivyănsi ku ruhīmbi.*

Abarŭndi kăndi barakórēsha ijāmbo ingoma mukwĭta amazína abâna bakaba báfise insigūro bashāka gutânga.Nk'ákarorero umūntu yĭse umwâna NDŨWĬNGOMA aba ashâtse kuvúga ko atakĭndi azēyéko ubukíriro atári ubutégetsi, kó arí bwó buzômukîngira.

Ijāmbo ingoma rirafíse ivyó risigûra iyó turisănze mw'īzína ry'ákarêré.N'îyó harí ahāntu hītwá mu KAVÚGĀNGOMA bisigūra kó arí ahāntu hăhora hávugira ingoma aríko ubu zitakihavugira.

Murí rusăngi, ingoma mu mayăgwa y'íkirŭndi zirafíse ibīntu vyĭnshi zisigûra mberé binagôye no gutāhura ubírāvye nêzá.

**4.5. Igikorwá c'úmukurú w'íngoma**

Abatânganкurú bavuga kó umukurú w'íngoma afisé uruhára ntāngeré mu gukomeza akarānga k'íngoma.Ivyó ajējwé ní ibi:

- Kurāba kó ingoma zirího kăndi zikwīyé ;
- Kurāba kó ingoma zikoméye;
- Kugēndereza iyó imivúgíngoma irí n'îngéne bázōshîka kuyibāza ;
- Kurōndera induhūro izôtûnga abavúzi b'íngoma igihe bāshēngéye ;
- Kujá kuvúgana n'ábakurú igihe cōse bikenéwe ;
- Gutégeka ingéne ingoma zivuzwá ;
- Kurāba kó ingoma zīnjiye mu ngoró yâzo ;
- Kurōndera insâto zízōkána ingoma ;
- Kwĭtwārarika íngoma ntiziny āgirwe ;
- Kŭbakīsha ingoró nzīzá y'íngoma ;
- Kwĭgīsha abavúzi b'íngoma bashăsha.

**4.6. Imigĕnderanire y'icĭbare c'i Kidásha mu Rwĕsero n'ibĭndi vyĭbare**

BĂNKURUNÁZE Emmanuel[70] arĕmeza kó ico cĭbare cări cŭnze ubumwé n'ibĭndi bigabiro indwi : Musâvé, Higiro, ikigabiro c'i Murămvya atĭbúka izína, akagabiro kā Mûyá i Gishûbi (akīta akagabiro kubêra ngo kări gató), Gishōra, Burŭnga na Mágămba.

Avuga kó Higiro na Gishōra băhora bávugiriza ingoma hamwé bătăndukănye bágabuye amakómĭne ya Gitéga na Giheta. Avuga kó igihe có gushĕngera ku mŭsi w'úmuganuro ibigabiro vyŏse vyăgenda ariko atăcăhitana ikĭndi vyăhūrira i bwămi.

Arŏngera avuga ati:«Ubwā mbere nā mbere, ikigabiro cŏse cărīmenya iwăbo, mugábo ikigabiro cŏse căjāna ingoma i Murămvya ku muganuro. Dúshitse i Murămvya zăca zikoranira hamwé. Zikoraniye hamwé rĕró, zăca zitegekwa n'úmūntu umwé bătŏyé. Kăndi izo ngoma twăjānyé i Murămvya ntitwăziganukana zăca ziguma i Murămvya kăndi dúshĕngurutse umuganuro uhéze ikigabiro cătăha kígabanye impfizi kăndi twăshika túyibăgira mu kigabiro.»

Kiretse ivyo vyĭbare bibiri Higiro na Gishōra vyăhora vyûnze ubumwé bugarágara na Rwĕsero mukuvúgiriza ingoma hamwé nk'ŭkó BĂNKURUNÁZE Emmanuel abivugá na birya bĭndi vyĭbare vyări vyûnze ubucuti n'âhó butībónekeza ubwo nyéne.
Ubwo bucuti bugaragarira nêzá na nêzá ku mŭnsi mukurú w'úmuganuro ahó ivyo vyĭbare vyŏse vyăhūrira ku kirĭmba bijānye ingoma ariko bagaca hávamwó umwé arŏngôra akŏngera agategeka ingoma zŏse zājé ku muganuro.
Bica bigaragara kó ubwo bucuti bwăhari kubêra amabānga n'ámabāngo băhūrirakó báhūjwe n'igihúgu.

Ico icĭbare c'i kidásha mu Rwĕsero cări gitāndukăniyekó n'ibĭndi vyĭbare ni ukó côcó ku muganuro căjāna i Murămvya ingoma mumăni ni ukuvúga kó umuhŭngu wĕse ukó ari bané bā MÍKANĬ umwé wĕse yajâna ingoma zibiri zŏse zikaba umunăni ariko zitīrirwa ikigabiro cā Rwĕsero.

[70] Emmanuel BĂNKURUNÁZE, umutângankurú, Rwĕsero, kuwa 04/8/2014

Ivyo bĭndi vyĭbare twăcĭye túgerageza kubídōndora ahó biherêreye intârá, komĭne hamwé n'úmutŭmba twîsūnzeigitabo căanditswe na Félicien BĀNKUWŬNGUKA[71] ku *cĭbare c'úmuganuro c'í Magămba n'úruhára rwâco mw'ĭtŭngānywa ry'íngoma y'Úburŭndi*, itōhōza ryăbēreye murí komĭne Bukirasāzi, mu ntârá ya Gitéga.

**a.Ikigabiro có ku Musâvé**

Ico kigabiro giherēreye murí zōne Marāmvya, komĭne Makébuko mu ntârá ya Gitéga, mu ngobáne z'úmusózi wa Cêne. Uháshitse uhasānga ikigabiro bavugá kó ubwôko bwâco arí igikuyo. Ico gití ngo baracûbahiriza cāne, kukó kívūyekó n'îshámi, haca hápfa umūntu mu muryāngo w'Abarāmba ucĕgukira. Abatângankurú nka NKEBEREZA Karaveri, ntibamenyá uwagítēye bakavuga kó atā nkêká cătēwe n'úmwāmi ngo ntā mūntu asānzwé yagítēye.

Icó bĭbúka ni ukó hăhungiye umugoré w'úmwāmi MWÊZI GISĀBO batĭbúka izína. Yahăje bátōnganye n'úmugabo,aza yîbūngēnze atūrūriraho. Yaráhabâye,amáze kwĭbaruka,aratāha. Baraháterekērera n'îsáto yĭtwá RUGABÉ bakayitāzĭra INAMWĀMBUTSA.

**b.Icĭbare có mw'ĭ Higiro**

Giherēreye murí komĭne n'întârá ya Gítega. Haratáramutse kukó harí hējuru ku musózi wa CÈNE. Ni hāfi y'úrûzi RUVUBÚ. Imiryāngo tuhasănga: Abashāka, Abashûbi, Abajîji, Abavumú, Ababānda, Abagōra, Abakakwa b'Ábarēmbe.

**c. Icĭbare c'úmuganuro có mu Burūnga**

Ico cĭbare giherēreye murí komĭne Gishûbi yó mu ntârá ya Gitega. Kiri ahāntu hakirúrutse ku nkēngēra y'ûrûzi RUVYIRÔNZA, abăho baravuga ingéne rwăvutse. Ni kurubíbe rwā komĭne Bukirasāzi. Uháshitse, uhabona urugó rwăsāmbūtse harimwo ingoró y'íngoma, ibitôngatí bitatu n'íbigabiro bibiri vyó mu bwôko bw'íbití vy'ibivumú.

**d.Icĭbare c'í Magămba**

Icĭbare c'í Magămba kiri mu ntârá ya Gitega ikaba iri mu ntârá kăma ya KIRIMIRO.Icó cĭbare giherēreye nêzá na nêzá murí komĭne Bukirasāzi na yó ikaba igízwe n'ímitŭmba cúmi n'úmunăni igabúwe mu mazōni abiri: Bukirasāzi na Kāngōzi.

Ico cĭbare rēró kigizwe n'imitŭmba ibiri arí yo Rugabano na Rukoki.

[71]BĀNKUWŬNGUKA (F.), op.cit., p 144

Iki cĭbare cā Mágămba icó bihūrírakó n'ĭcó mu Rwēsero ni ukó vyöse vyăhūrira mu murwi umwé ku mŭnsi w'úmuganuro bâshēngeye i bwămi n'íngoma.

Inzira abanyámagămba băfata báshêngeye. ikigabiro cā Magămba-umuvúmu wa Sēnga-ku Bwâto (bărazivyâgiza bakazivugirizahó) -Bukirasāzi-Mwūmba (murí komĭne Gitéga)-Nyabíhănga-Murămvya.

Abĭtwa MAGĂMBA muri NYABÍHĂNGA hōba yari yó nzira, bakaharuhūkira. Harí n'igihe bâshika mu BUKÊYE bwā MURĀMVYA. Izo nkurú zigatăngwa na NTÂMBAGÁ ZEFANIYA.

### 4.7. Ivyîpfūzo vy'Ábakaní b'i Kidásha mu Rwēsero

Abakaní b'í Kidásha mu Rwēsero bĭpfūza amahóro na demokarasi nk'ûkó bavyîvugira.Abatângankurú bó murí icó cĭbare bati: «Turípfūza kó imico n'ákarānga vyōgarúkirwa kukó kuva intāmbara yó mu 1993 itêye, imico yarátitūtse gushika n'âhó abakíri bató bĭtwâza ubukené bw'ámatōngo bakihēreza ikigabiro bakakirimamwó.

Abakaní barĭpfūza cāne kó rēta yōshírahó umugămbi wó kugwīza imivyâro y'ibití vy'ímivugāngoma bigatērwa ahāntu hăzwi kăndi hakĭngiwe kukó ubu biragōra cāne kurōnka ico gití iyó bakenéye kubāza izĭndi ngoma.Bavuga kó nk'ŭbu barĭndá kujá kure kubirōnderayó bakamarayó imĭnsi n'íyĭndi. Emmanuel BĀNKURUNÁZE[72] avuga kó bahóra bája nó mu Kibira cā Búrurĭ kubirōnderayó bávūye i Makébuko.

Ikĭndi bīpfūza ni ukó abāntu böse bagĭyé gutōhōza murí akó karêré batŭyemwó bózá baragira amatōhōza mu Kirŭndi ururími kavūkire bakōngera bakavyāndika mu Kirŭndi nyéne kukó ngo bavyănditse mu rŭndi rurimi usânga batāshikirije ivyîyumvĭro nêzá na cāne câne kubijânye n'ákarānga kâbo.

Barîpfūza kăndi kó rēta yōgirá inguvú mu kunágura ibigabiro kukó arí na vyó ukĭngi y'ákăhise k'úburŭndi na cāne câne ku ntwâro ya cămi.

### 4.8. Uruhára rw'ícĭbare c'ábakani b'í Kidashá mu Rwēsero mw'ĭtērambere ry'úburŭndi bw'ŭbu mukunágūra akarānga k'ígihúgu

Nk'ûkó twābisigûye mu majāmbo y'îshímikiro, icĭbare ni intârá itătwārwa n'úmugánwa. Yatwârwa n'ĭcârihó c'úmwāmi cânké abanyamabānga kănăká b'úmugirwá ndōngōrabuzima bw'ígihúgu.

[72]Emmanuel BĀNKURUNÁZE, umutângankurú, Rwēsero, kuwa 04/8/2014

Augustin NSANZE[73] yōngerekó ati :

*«Icībare gishobora kubú ugatōngo (umurimá) umushîngantáhe yīrimira wênyené atári kumwé n'úmuryāngo máze ivyó yīmbúye bikazōmufasha nkó mu mīsi mikurú y'úmuryāngo.»*

Aha rēró umūntu aca yûmva ko icībare ari igicé c'itōngo cânké intârá umūntu yīgábira afisé ko ububǎsha bwōse.

Ico cībare c'Ábakani b'i Kidásha mu Rwēsero kirakomeye mw'īterambere ry'úburǔndi dúfatiye ku kamaro bafitíye igihúgu mu kukimenyēkanīsha mu makūngu bágīye kuvúza ingoma no kwǐnjiriza igihúgu amafarânga y'ágacîro.

Ico cībare kirafise uruhára ntā ngeré mu kunágūra akarānga k'úburǔndi dúfatiye ku mwūga w'íngoma ubarānga na yó ingoma ikaba yári ikimenyētso c'úbwǎmi.

Ico cībare c'Ábakani b'i Kidásha mu Rwēsero n'ūbu ni bitumwakó mu kunágūra akarānga k'ígihúgu kukó n'ūbu muri Kigarama umwâka wa 2016 bari mū ntârá ya BÚRURÍ kwīgīsha kuvuzá n'úgutâmba ingoma. Uruhára runini rw'Ico cībare rwōgirwa n'ábajêjwe intwâro mu kwīgīsha cāne ibijânye n'ákarānga k'ígihúgu bakabēreka akamaro k'ímicó n'ákarānga vy'ígihúgu bábicīshije kuri abo bōse bīze akǎhise n'ámatêká ndoramūntu ivyo na vyó rēta igasabwa gutégekanya uburyó bwó kubitūngānya.

**Incâmaké**

Muri iki kigabáne kirāngiye, twǎsānze Abakani b'i Kidásha mu Rwēsero bǎri báfise ibānga rikoméye ryó gukana, kuvúza hamwé nó gutâmba ingoma ndetsé gushika n'ūbu. Kū ntwâro ya cǎmi bǎri báfise ibāngo ryó kujāna ingoma ushǎsha ku muganuro ukó umwâka utāshé. Bǎri báfise n'írindi bāngo ryó kwīgīsha kuvúza ingoma abǎndi mberé gushika n'ūbu ivyo na vyó bikaba vyêrekana kó bakoméye mu kunágūra nó mu gutsîmbataza akarānga k'Úburundi.

[73]NSANZE (A.), *Un domaine royal au Burundi, Mbuye (env. 1850-1945)*, Bujumbura, UB, Centre de Civilisation Burundaise, Paris. Société française d'histoire d'outre-mer, 1980, « L'homme peut posseder d'un ou de plusieeurs ivyibare ». P12

## UGUSÔZĒRA

Iki cĭgwa dusōzéreye cāri gihagaze ku vyĭbare vyó mu Burŭndi, kigaca gica hĭrya n'ĭno icĭbare kimwé rudênde na có kikaba arí *icĭbare c'Ábakaní b'i Kidásiha mu Rwēsero n'ímiryāngo babānā*.

Ivyó twāvuzé kurí ico cĭbare, n'âhó atāwŏvuga kó vyöse twābivuzekó, turîzēye kó vyĭnshi twābishitsekó. Ivyăducītse na vyó dutumiye abăndi bānditsi kudusahiriza báhēreye ku vyó twăshoboye kurōnka.

Iki cĭgwa turāngije kiri murí vyĭnshi vy'ámatêká y'Úburŭndi na cāne câne murí kăhise. Kumenya ayo matêká y'ígihúgu, birafásha Abarŭndi mu kunywâna na cāne câne murí iki gihe băcānyemwó.Ni vyó biragōye urâvye uburyó abāntu babāyebó mu butŭnzi aríko twōsaba rēta y'Úburŭndi, ibicīshije ku bushikirangānji mu vyó bujējwé hárimwó urwāruka, inkino n'ímicó kāmá, kó yōgirá ukó ishobóye igashigikira ibikorwá nk'ĭbi máze imicó n'ákarānga vy'Úburŭndi bigarúkirwe ntibizimāngane.

Vyōba vyīzá bábāndanije kwĭga iyĭndi miryāngo y'i Burŭndi, aríko bakāma na ntăryó bîshimikiza ibijânye n'íngoma y'Ábămi; kăndi ivyo bakabigira ku miryāngo yöse ishobóra kubóneka.

Mū nyuma bōrāba ingéne bōyigeréranya n'íyĭndi miryāngo yó mu mahănga yōbá yarĭzwe nêzá.

Mu kurāngiza, twāgōmba kumenyēsha abasomyi n'ábānditsi kó itōbōza ku micó n'ímigēnzo y'Ábarŭndi bitōróshe kukó bisabá uburyó bwĭnshi, ubwîtōnzi, ugucá bugúfi n'úkwĭhāngānira ibibázo bitōróshe muhūrá aríko ngo ibānga rirahéberwa kăndi uwushâka inká aryāma nka zó.

**AMASÔKO Y'ÍVYĂNDITSWE**

**I. KAZĪNDŪZI**


1) RODEGEM (F.M.), *Dictionnaire Kirundi-Français,* Tervuren, Musée Royal de l'Afrique centrale, 1970

2) RODEGEM (F.M.), *Inyizamvugo y'ikirundi. Essai de dictionnaire Rundi*, Usumbura, Editions des Pesses Lavigerie, 1961

3) VAN DER BURGT *(J.M.), Dictionnaire Français-Kirundi. Avec l'indication succinte de la langue swahili et allemand.* Bois-le Duc, illustration Catolique,1903


**II. Ibitabu vy'úbumenyi rúsăngi**


1) NDORICIMPA (L.) *et* GUILLET, (Cl.*), L'Arbre mémoire,* Paris, Karthala-Presse Lavigerie, 1984

2) " " " " *Les Tambours du Burundi,* Bujumbura, Presse Lavigerie 1983

3) NTAHOKAJA (J.B.), *Imigēnzo y'ikirūndi,* Bujūmbura-Paris, UB, 1987

4) RODEGEM *(F.M.), Sagesse kirundi,* Tervuren, Cente de Langue 1961

5) ZUURE (B.), *Croyances et Pratiques Religieuses des Barundi,* Bruxelles, Editions de l'escorial, 1929


**III. Ibitabu vyērékeye uburūndi n'ákarêré k'íbiyága binini**


1) GAHAMA (J.), *L'Organisation territoriale du Burundi,* Bujumbura, U.B, Faculté des Lettres et Sciences Humaines, 1991

2) GUILLET (C.) *et NDAYISHINGUJE* (P.), *Légendes historiques du Burundi,* Paris, Karthala, Bujumbura : Centre de Civilisation Burundaise, 1997

3) MWOROHA (E.), *Histoire du Burundi des origines à la fin du XIX ème siècle*, Paris, Hatier, 1987

4) NSANZE (A.), *Un Domaine Royal au Burundi : Mbuye (env.1850-1945),* Bujumbura, U.B, Centre de Civilisation Burundaise, Paris: Société française d'histoire d'outre-mer, 1980

5) NTAHOMBAYE (P.), *Des noms et des hommes : Aspects psychologiques et sociologiques du nom au Burundi*, Paris, Karthala, 1983

6) RODEGEM (F.M.), *Onomastique rundi*, Bujumbura, Centre de Langues, 1975

7) VANSINA (J.), *La Légende du passé : Traditions orales du Burundi*, Tervuren, Musée Royal de l'Afrique centrale, 1972

**IV. Ivyǎnditswe mu binyámakurú vy'ítōhōza**

1) *Culture et société. Revue de civilisation burundaise*, Bujumbura, Ministère de la jeunesse, des sports et de la culture, 1990, IX

2) GUILLET (Cl.), « Higiro, Mai 1927, Une révolte chez les tambourinaires », in *Culture et société*, vol. V

3) *Que vous ensemble ? Recherches et réflexions sur les valeurs culturelles du Burundi, Revue du Cercle St Paul*, Grand Seminaire de Bujumbura

4) ROZIER(R.), *Le Burundi pays de la vache et du Tambour*, Paris, Presses du palais Royal, 1973

5) UNESCO, *Iragi kama ry'Uburundi*, Bujumbura : UB-UNESCO, 2009

**V. Ibitabu vy'úmutsîndo**

1) BAHENDUZI (M), *Le Muganuro et l'Umwaka : deux fêtes rituelles au Burundi ancien* Bujumbura, ENS, 1977

2) BAHENDUZI (M.), *Le Rituel du Muganuro dans l'histoire du BURUNDI dès origine au 20è siècle*, Thèse de Doctorat, Paris, Hatier, 1991 *mwīūngānywa ry'Ingoma y'Úburŭndi*, Mémoire U.B, Faculté des Lettres et Sciences Humaines /Département de Langues et Littératures Africaines, 2014

4) BUTOYI (G), *Le Mwami et la colonisation du Burundi (1896-1962)*, Bujumbura, U.B, Faculté des Lettres et Sciences Humaines 1989

5) EMERUSENGE (E.), *Evolution Socio-Solitique du Sud-Est du Burundi (Kumoso Sud et NKÓMA-BUNYAMBO)*, Bujumbura, U.B, Faculté des Lettres et Sciences Humaines /Département d'Histoire-Géographie, 1978

6) NDAYIKENGURUKIYE (S.) *Le symbolisme du tambour à tavers quelques rites et pratiques au Burundi. D'après une enquête ménée sur la colline de GISHORA en commune de GIHETA.* Mémoire, Université du Burundi. Faculté des Lettres et Sciences Humaines Département de Langues et Littératures Africaines, 2009

7) NDAYIRAGIJE (G.), *Umuryāngo W'abajīji B'ī Nkóma Ya Bánege : Imicó n'ákarānga kābo,* Mémoire, Bujumbura, U.B. Faculté des Lettres et Sciences Humaines/ Département de Langues et Littératures Africaines, 2012

8) NDAYISHĪMIYE (I.), *Ivyībare vy'úmuganuro vyó mu Burūnga, Kirwa na Mágāmba n'ímiryāngo yahágerêreye,* Mémoire, Bujumbura, U.B, Faculté des Lettres et Sciences Humaines/ Département de Langues et Littératures Africaines, 2011

9) NDIKUMANA (E.), *Rétrospective des sites historiques et lieux de mémoire de la monarchie sacrée du Burundi,* Mémoire, Bujumbura, U.B, Faculté des Lettres et Sciences Humaines/ Département de Langues et Littératures Africaines, 2007

10) NGENDAKURIYO (G), *Le Ravalement des banyamabanga au rang des simples banyagihugu, l'exemple des Banyange de Mpotsa,* Mémoire, Bujumbura, U.B, Faculté des Lettres et Sciences Humaines/ Département d'Histoire, 1989

11) NIBIGIRA (G.), *Essai d'analyse et d'interprétation des noms des clans du Burundi,* Mémoire, Bujumbura, U.B, Faculté des Lettres et Sciences Humaines/ Département de Langues et Littératures Africaines, 2006

12) NININAHAZWE (G.), *La vie des ritualistes attachés au culte des tambours : cas des Bakam de Rwesero Kidasha (Fin 19è s à nos jours).* Mémoire, Bujumbura, U.B, Faculté des Lettres et Sciences Humaines/ Département de Langues et Littératures Africaines, 1992

13) NSHĪMĪRIMÂNA (F.), *Gikonge dernières étapes des préparatifs d'umuganuro*, Mémoire, Bujumbura, U.B, Faculté des Lettres et Sciences Humaines/ Département de Langues et Littératures Africaines 2012

14) NYĀNDWI (G), *L'Occupation du sol dans la commune MAKEBUKO*, Mémoire, Bujumbura, U.B, Faculté des Lettres et Sciences Humaines, 1988

15) NYĀNDWI (J), *L'Education du jeune tambourinaire dans le Burundi traditionnel : aspect et fonction ; enquête ménée dans les communes de GIHETA, MAKEBUKO et BUKIRASAZI*, Mémoire, Bujumbura, U.B, Faculté des Lettres et Sciences Humaines 1989

14) NZEYIMANA(E.), *Histoire sociale de la mission de Makebuko (1933-1959)*, Mémoire, Bujumbura, U.B, Faculté des Lettres et Sciences Humaines, juin 1985

15) SADIKI(E.), *Umuryāngo w'Ábashûbi b'i Gitāra kwā KARABÔNA imicó n'ákarānga kâbo*, Mémoire, Bujumbura, U.B, Faculté des Lettres et Sciences Humaines/ Département de Langues et Littératures Africaines,2008

16) SHIRAMBERE(M.), *Les Fondements culturels du pouvoir dans le Burundi ancien*, Mémoire, Bujumbura, U.B, Faculté des Lettres et Sciences Humaines, 1984

17) SINANKWA (V), *L'Evolution politique et économique de la chefférie de Kirimiro (1927-1860)*, Mémoire, Bujumbura U.B, Faculté des Lettres et Sciences Humaines, 1986

# INYÓNGERÁ

**IBIBÁZO VY'ÍTŌHŌZA**

**A.Ukudôndagura uwutânga inkurú**

1. Ndakuramukije
2. Mbĕga wītwa nde? Mwĕne nde ? Wă nde?
3. Ufise imyâka ingâhé ?
4. Umuryāngo wāwe ni uwâhé?
5. Wavûkiye hé?
6. Agacīmbiri ubáko kītwa gúte?
7. Umutūmba na wó wītwa gúte?
8. Ikómīne ubámwo yītwa gúte?

**B. Ibibázo vyērékeye uturêré**

9. Akarêré kā Kidásha mu Rwēsero gatūmbereye hé?
10. Mbĕga izína Kidásha na Rwēsero bisigūra ikí? Ryōba ryăvūye kukí ?
11. Mbĕga bītwa gútyo kuva ryâri ? Ubwā mbere hōba hĭtwa gúte ? Hăhīndutse kubêra iki ?

**C.Ibibázo vyērékeye imiryāngo**

12. Umuryāngo wāwe ni uwûhe?
13. Umuryāngo w'Ábakaní uhāna urubíbe n'imiryāngo iyīhé?
14. Izína Abakani ry'ūwo muryāngo risigūra ikí?
15. Ryăvūye kukí?
16. Umuryāngo w'Ábakani urafíse icīvugo?Ni ikîhé?
17. Mbĕga ico cívugo cōba căvūye kukí?

**D. Ibibázo vyērékeye amâmūko**

18. Abakaní b'í Kidásha mu Rwēsero bāmūka he?Băje báva hé?
19. Abakaní băshitse aha i Kidásharyāri?Hări ku mwămi ndé?Umutwăre ndé?
20. Nī ndé mūntu wā mbere yagérēreye aha i Kidásha ubwā mbere?Yahâje ryâri?
21. Ni kubêra iki bîmutse bakāza inó? Băhashítse gúte?
22. Wōmenya iyĭndi mihîngo twōsāngámwo Abakaní?Ni hé na hé?
23. Umuryāngo w'Ábakani hari ibisatá wōbá ufíse? Ni ibîhé?
24. Wōshóbora kūndōndōrera ingéne mwăgīye muravyârana wîhēreyekó ujá kurí bā sokúru na bā sokúruza?

**E. Ibibázo vyērékeye imicó n'imigēnzo**

25. Ni iyîhé miryāngo Abakaní bōbá bârahâye abageni gushika ubu?
26. Ni bā ndé Abakaní badahāná abageni kubêra imiziro cânké iyĭndi mvo ?

27. Ni bā ndé bōbá bâragérēreye Abakani bakabáha amatōngo?

28. Ni iyîhé micó twōvugá kó irāngá Abakani b'i Kidásha mu Rwēsero? Abăndi babona gúte iyo micó?

29. Hari ibimazi uwo muryāngo ufisé? Vyăbamariraiki? Uwutábifise yámererwa gúte?

30. Hari imiziro uwo muryāngo ufisé?

- Ivyó băzira kĕra n'îvyó bazirá ubu vyērékeye abāntu ni ibîhé?
- Ibizíra vy'ŭbu cānké vyā kĕra vyērékeye ibitūngwa cānké inyamâswa ni ibîhe?
- Ivyêrekeye ibiti cānké ibitĕrwa Abakani băzira cānké bazirá ni ibîhé?
- Ntā hāntu hó Abakanibăzira ?Ubu vyīfashe gúte ?
- Iyo miziro yōba yávūye kuki? Hari uwayírĕngakó akagira icó abá? Vyăgēnzegúte ?

**F. Ibibázo vyērékeyeuruhára rw'Ábakani mu kŭbaka Uburŭndi**

31. Amabānga n'ámabāngo yēgukira Abakani b'i Kidásha mu Rwēsero ni ayâhe ?Abāntu bîbúkwa bări bábijējwe ni bāndé ?

32. Hari bā sôkúruza rurāngíranwa wōbá wîbuka mu Bakani? Niabâhé? Vyăgēnzegúte?

33. Abāntu bó mu muryāngo w'Abakani băpfūye mū ntāmbara zibitiye ni abâhé?

34. Ivyîpfūzo vyânyu ni ibîhé?

ABĂTĂNZE INKURÚ

| IZÍNA | IMYÂKA | UMUTŬMBA | IGENEKEREZO RY'ÍTŌHŌZA | UMURYĀNGO |
|---|---|---|---|---|
| BĀNKURUNÁZEEmmanuel mwene KABŪRA yakobo wa RWĀRIKA wa MUGÊNDA wa BIHANIBABÁ wa MĪKANÍ | 63 | Rwēsero | 3/8/2014 | Umukaní |
| BĀNYUZURIYEKŌChristophe wa NYANDIKIYE Augustin wa NKWĪYE Yozefu wa BAKÊTA | 56 | Rwēsero | 3/8/2014 | Umukaní |
| NJWĪRA Godefroid wa WÂKĀNA wa BARAGUMA wa MÍKANÍ | 50 | Rwēsero | 3/8/2014 | Umukaní |
| NĪZIGIYMÂNA Tharcisse wa NÂHÍGŌMBÉYE Ruberuto wa BÚCUGU wa RŪHŪRAMBOGÁ wa NTÂKĀNDI wa RÚBĀYI | 43 | Rwēsero | 3/8/2014 | Umurāmba |
| NKEBEREZA Karaveri wa BINYŌSHA wa RÚBĀYI | 75 | Rwēsero | 3/8/2014 | Umurāmba |
| NSHĪMIRIMÂNA Audace wa NÂHÍGŌMBÉYE wa BÚCUGU wa RÚHŪRAMBOGÁ wa NTÂKĀNDI wa RÚBĀYI | 31 | Rwēsero | 4/8/2014 | Umurāmba |
| BARĀNSAKĀJE Antimes | 80 | Gishōra | 2016 | - |
| BARĀNYANZIRIYE Henri wa GISWĀGA wa RWĀMA wa KISĒNGE wa MÍKANÍ | 83 | Kidásha | 4/8/2014 | Umukaní |
| NTAHOMVŪKÍYE Dominique wa BARĀNYANZIRIYE wa GISWĀGA wa RWĀMA wa KIRĒNGE wa BIRAGÔYE wa BIHANIBABA wa MÍKANÍ | 63 | Kidásha | 4/8/2014 | Umukaní |
| NYĀNDWI Césaire wa NDABAREMEREJE wa MBAHĀGA wa BARANKĀKA | 50 | Kidásha | 4/8/2014 | Umukaní |
| NIYÍBITEGÉKA Frédéric wa NÂHIGŌMBEYE wa BÚCUGU wa RÚHÚRAMBOGÁ wa NTAKĀNDI wa RÚBĀYI | 45 | Kidásha | 4/8/2014 | Umurāmba |
| NYĀNDWI David wa NYAMBIKIYE wa NKWĪYE wa BAKETA | 68 | Kidásha | 4/8/2014 | Umukaní |

| | | | | | |
|---|---|---|---|---|---|
| NTAHOMVŪKIYE Dominique wa BARĀNYANZIRIYE wa GISWĀGA wa RWĀMA wa KIRĒNGE wa BIRAGŌYE wa BIHANIBABA wa MĪKANI | 63 | Kidásha | 4/8/2014 | Umukani | |
| NYĀNDWI Césaire wa NDABAREMEREJE wa MBAHĀGA wa BARANKĀKA | 50 | Kidásha | 4/8/2014 | Umukaní | |
| NIYIBITEGEKA Frédéric wa NÁHIGŌMBEYE wa BÚCUGU wa RÚHŪRAMBOGÁ wa NTAKĀNDI wa RÚBĀYI | 45 | Kidásha | 4/8/2014 | Umurāmba | |
| NYĀNDWI David wa NYAMBIKIYE wa NKWĪYE wa BAKETA | 68 | Kidásha | 4/8/2014 | Umukaní | |
| NIZIGIYIMĀNA Etienne wa HĪCUBURŪNDI Fidèle wa RYĀNGUYE wa RURAKĒNGEREZA | 52 | Kidásha | 5/8/2014 | Umurima | |
| NĀHĪMĀNA Vénérand waMUTITSA wa KÁNYURÁNE wa MIRŌNGO wa MĪHARŪRWA wa MÁBUGUZO | 59 | Kidásha | 5/8/2014 | Umuhoro | |
| MASHWĪGĪRI Jean wa MUTITSA wa KÁNYURÁNE wa MIRŌNGO wa MĪHARŪRWA wa MÁBUGUZO | 67 | Kidásha | 5/8/2014 | Umuhoro | |
| NTĀVYŌ Marc wa KAZŪNGU wa RUHĀNGIRA wa KABĪBI wa MÚGOGÓ | 77 | Kidásha | 5/8/2014 | Umushûbi | |
| MINYŪRANO Justin wa CŌNGERA wa NDIMIRA wa RUSOHOKA wa GÁKENÉ | 77 | Kajēnda | 5/8/2014 | Umusīndi | |
| NTIBAGAYĪMVO Hilaire wa CŌNGÉRA wa NDIMIRA wa RUSOHOKA wa GÁKENÉ | 77 | Kajēnda | 7/8/2014 | Umuhânza | |
| NGĒNDABĀNKA Pélagie wa BARĀNSĀKA wa MITABĀRO | 73 | Kajēnda | 7/8/2014 | Umukaní | |
| BARĀNKENYEREYE Méthode waBARAHAMANA waSÁBUTOKÉEwa BIHOMORA wa SÁBANYA | 68 | Kajēnda | 7/8/2014 | Umuhânza | |
| MĀNĪSHA Spès waNYĀBUTUNŪ wa MÁFUNÚ wa KIREGEYA | 56 | Kajēnda | 8/8/2014 | Umushûbi | |
| RIRAGŌNYE Gamaliel wa BATWĒNGA wa NYANKIYE wa KIRABIRABI wa SÁBANYA | 62 | Kajēnda | 8/8/2014 | Umushûbi | |
| MĪNĀNI Béatrice wa NDARÚBĪTSE wa NTIBWĪCĀ | 70 | Kidásha | 8/7/2014 | Umuvumú | |
| HABONIMĀNA Godelive wa NDÁBĪRINDE wa BÚKIKÍRI | 36 | Kidásha | 8/7/2014 | Umuhânza | |
| NYĀNDWI Barnabé wa JEGETERI wa TYĀZO wa NTUNA wa NTĀHAKURE | 72 | Kidásha | 8/7/2014 | Umujìji | |
| SINGIRIZĪNA Mathieu wa BÚTŌYI wa MÚRĀNGA wa MÚBI | 67 | Kidásha | 8/7/2014 | Umusīní | |
| NGENDAKŪMĀNA Zacharie wa TĀNGURIGWÁ wa SÁBUTUKÉ wa BIHOMORA wa SÁBANYA | 46 | Kajēnda | 8/7/2014 | Umuhânza | |
| | | | | | |

## AMAZÍNA Y'ÚBUHĬNGA Y'ÍBITÍ BIGIZÉ IBIGABIRO

| IZÍNA RY'ÍKIRŬNDI) | IZÍNA RY'ÍKILATINI | UMURYÂNGO |
|---|---|---|
| Umumândá/Umuvumúvumu | Ficus ignens | MORACEAE |
| Umurĭnzi | Erythrina abyssinica | |
| Igisurú | Urticamassaica | URTICACEAE |
| Igitôngati | Dracaena steudner | AGAVACEAE |
| Umutágari | Crassocephalum | ASTERACEAE |
| Umuvúgăngoma | Cordia africana | DORAGINACEAE |
| Umunyănkuru | CLerodendrum johnstonili | VERBENACEAE |
| Ikibónobóno | Ricinous communis | EUPHORBIACEAE |
| Igikóbekóbe | Focus ovata | MORACEAE |

Isôko : Reakmans M. et NIYONGERE L. Lexique vernaculaire des plantes vasculaires du Burundi. Travaux de la faculté des sciences, U.B., 1983.

AMASÁNĂMU



Ingoma z'í Kidásha mu Rwēsero ziri mu ngoró yâzo ahó bītá mu Kigabiro c'ingoma.

Isánămu yafáshwe na NDÛWÍMÂNA Appolinaire kuwa 17/02/2015




Ikigabiro kirí ku gacūmbiri Kidásha kigizwé n'ígiti kinini c'úmumândá (umuvumúvumu), iminyáre, umugēyigēyi, ibigôri n'íbitōke

Isánămu yafáshwe na NDÛWÍMÂNA Appolinaire kuwa 17/02/2015



Ikigabiro kirí i Kidásha mus Rwēsero kigizwé n'ígiti kinini c'úmumândá (umuvumúvumu), iminyáre, umugēyigēyi, ibigôri n'íbitōke

Isánămu yafáshwe na NDÛWÍMÂNA Appolinaire kuwa 17/02/2015




Ikigabiro kirí ku gacĭmbiri Kajēnda mu Rwēsero kigizwé n'ígiti kinini c'úmumândá (umuvumúvumu) n' ibigôri

Isánămu yafáshwe na NDÛWÍMÂNA Appolinaire kuwa 17/02/2015



Ibitôngati bigizé urugó rwā NYĀNDWI Césaire umukuru w'umutŭmba Rwēsero 2018.

Isánămu yafáshwe na NDÛWÍMÂNA Appolinaire kuwa 17/02/2018




Ibitôngati n' ímikonikoni bigizé urugó rwā NYANDWI Césaire umukuru w'umutŭmba Rwēsero muri2018.

Isánămu yafáshwe na NDÛWÍMÂNA Appolinaire kuwa 17/02/2018



Umutōhōji NDŨWİMÂNA Appolinaire i bubămfu arikumwé n'úmukurú w'únutŭmba NYĀNDWI Césaire i buryó.

Isánămu yafáshwe na NIZIGIYIMÂNA Tharcisse kuwa 15/2/2018



Umutângankurú BARĀNYANZIRIYE Henri.

Isánămu yafáshwe na NDÛWİMÂNA Appolinaire kuwa 15/02/2018



Umutōhōji NDÛWİMÂNA Appolinaire arikumwé i buryó n'úmutângakurú BARĀNYANZIRIYE Henri i bubămfu.

Isánămu yafáshwe na NIZIGIYIMÂNA Tharcisse kuwa 17/2/2018



Abatânganhurú BARĀNYANZIRIYE Henri w'îmví i bubămfu na NTAHOMVŪKÍYE Dominique i buryó.

Isánămu yafáshwe na NDÛWÍMÂNA Appolinaire kuwa 17/02/2018



Ikigabiro kirí mw'ī Hêro ku gacīmbiri Kidásha.

Isánămu yafáshwe na NDÛWÍMÂNA Appolinaire kuwa17/02/2018



Ishámi ry'umumândá ryītibuye haca hapfa umukaní BĪBAZA.

Isánămu yafáshwe na NDÛWÍMÂNA Appolinaire kuwa 17/02/2018



Ishámi ry'úmumândá ryĭtibuye haca hapfa umukaní MÍZĂGE.

Isánămu yafáshwe na NDÛWÍMÂNA Appolinaire kuwa 17/02/2018



Imizi y'íkigabiro kiri mw'ī Hêro i Kidásha.

Isánămu yafáshwe na NDÛWÍMÂNA Appolinaire kuwa 17/02/2018



Umutōhōji NDÛWÍMÂNA Appolinaire ahágaze impănde y'íkigabiro kiri mw'ī Hêro.

Isánămu yafáshwe na NTAHOMVŪKÍYE Dominique kuwa 17/02/2018



Ibití bigizé ikigabiro có mw'ī Hêro kirí i Kidásha.

Isánămu yafáshwe na NDŨWÌMÂNA Appolinaire kuwa 17/02/2018



Umâtangankurú NYĀNDWI David.

Isánămu yafáshwe na NDŨWÌMÂNA Appolinaire kuwa 17/02/2018



Mu Kamirabare.

Isánămu yafáshwe na NDŨWÌMÂNA Appolinaire kuwa 17/02/2018



Umutōhōji NDÙWÌMÂNA Appolinaire yīcāye kw'ībuye ryā NAKINYUKURA.

Isanāmu yafáshwe na NTAHOMVŪKÍYE Dominique kuwa 17/02/2018



Umurīnzi urí haruguru yó mu Kôgabămi.

Isánămu yafáshwe na NDÛWÍMÂNA Appolinaire kuwa 17/02/2018



Isôko ryā Kōgabămi.

Isánămu yafáshwe na NDÛWÍMÂNA Appolinaire kuwa 17/02/2018



Umutōhōji NDŪWĪMĀNA Appolinaire ari mw'īsôko ryó mu Kôgabāmi.

Isánāmu yafáshwe na NTAHOMVŪKĪYE Dominique kuwa 17/02/2018



Umutānganküru NZIGIRABÁRYA Etienne.

Isánāmu yafáshwe na NDŪWĪMĀNA Appolinaire kuwa 16/2/2018



Umutângankurú NĀHÎMÂNA Vénérand na múkuru wé MÁSHWĪGÍRI Jean.

Isánāmu yafáshwe na NDŪWÍMÂNA Appolinaire kuwa 16/2/2018



Umwônga NYAMUSWĀGA.

Isánāmu yafáshwe na NDŪWÍMÂNA Appolinaire kuwa 16/2/2018



Umutânganknrú MINYÚRANO Justin.

Isánāmu yafáshwe na NDŪWÍMÂNA Appolinaire kuwa 16/2/2018



Umutângankurú NGENDABÂNKA Pélagie.

Isánămu yafáshwe na NDÛWÍMÂNA Appolinaire kuwa 17/02/2018



Umutângankurú NTIBAGAYÍMVO Hilaire.

Isánămu yafáshwe na NDÛWÍMÂNA Appolinaire kuwa 17/02/2018



Umutângankurú BARANKENYEREYE Méthode.

Isánămu yafáshwe na NDÛWÍMÂNA Appolinaire kuwa 17/02/2018



Umutânganknrú MĀNÎSHA Spès.

Isánămu yafáshwe na NDÛWÍMÂNA Appolinaire kuwa 17/02/2018



Umutânganknrú BARĂNKENYEREYE Méthode.

Isánămu yafáshwe na NDÛWÍMÂNA Appolinaire kuwa 17/02/2018




Igití c'úmuvúgāngoma gisigáye ku mutmba wa Rwesero

Isánămu yafáshwe na NDÛWÍMÂNA Appolinaire kuwa 17/02/2018



Umutângankurú NGĒNDAKUMÂNA Zacharie. Imbere yîwé bari umuvuba mū ntoke na hó ikirimyo.

Isānāmu yafáshwe na NDÛWÎMÂNA Appolinaire kuwa 17/02/2018



Umutângankurú MINĂNI Béatrice.

Isānāmu yafáshwe na NDÛWÎMÂNA Appolinaire kuwa 17/02/2018



Umutângankurú HABONIMÂNA Godelive.

Isānāmu yafáshwe na NDÛWÎMÂNA Appolinaire kuwa 17/02/2018



Umutânganknrú NYĀNDWI Barnabé.

Isánǎmu yafáshwe na NDÛWÍMÂNA Appolinaire kuwa 17/02/2018



Umutânganknrú SINGIRIZINA Mathieu.

Isánǎmu yafáshwe na NDÛWÍMÂNA Appolinaire kuwa 17/02/2018



Umutânganku̇rú BĀNKURUNÁZE Emmanuel.

Isánămu yafáshwe na NDÛWİMÂNA Appolinaire kuwa 17/02/2018



Ibubămfu umutōhōji NDÛWİMÂNA Appolinaire i buryó umutânganku̇rú BANKURUNAZE Emmanuel.

Isánămu yafáshwe na NTAHOMVŪKİYE Dominique kuwa 17/02/2018



Umwônga Kanyŏmvyi ugabúra umutŭmba wa Mákebuko na Rwēsero.


Isánămu yafáshwe na NDÛWÍMÂNA Appolinaire kuwa 17/02/2018





Umwâna w'úmukaní yītwá AHÍSHĀKÍYE Alberic aríko arîyigīsha kuvúza ingoma akórēsheje igitûmbatûmba agishīnze mu kuzimú.

Isánămu yafáshwe na NDÛWÍMÂNA Appolinaire kuwa 17/02/2018.

Amakarata


Province Gitega
Carte hydrographique
Ngozi
Kayanza
Mutaho
Karuzi
Bugendana
Muramvya
Giheta
Ruyigi
Mwaro
Gitega
Nyarusange
Makebuko
Gishubi
Itaba
Ryansoro
Bukirasazi
Buraza
Rutana
Bururi
10 5 0 10 Km
Source: IGEBU
Déc.2017


Commune Makebuko
Colline Rwesero / Sous colline Kidasha
Simba
Kiyange
Karoba
Muyange
Rusagara
Janja
Buga
Murago
Rwiezamenyo
Musave
Rutanganika
Rwanda
Gasagara
Mwaro-Mavuvu
Murenda
Kinyonza
Makebuko
Sous colline Kidasha
Nitla
Itaba
Mwumba
Mwaro-Ngundu
Kajenda
Muhororo
Mwanzari
Kagege
Gasasa
Nyamagandika
Bugumbasha
Butobwe
Gasenyi
2 1 0 2 Km
Bukirasazi
Source: IGEBU
Déc.2017


IKÁRATÁ Y'ÍMIGEZI, AMASÔKO N'ÍBIBĀNZA VYŪBÁHWA
MAKÉBUKO
N
KIDÁSHA
NTĪTÁ
GIHÁMAGARÁ
KAJÉNDA
KAGEGE
GASÂSÁ
LÉGENDE
IKIGABIRO
INGORÓ Y'ÍNGOMA
UMUGEZI
I HÊRO
AGACIMBIRI
ISÔKO: UBUBĪKO BWĀ KÓMĪNE